Uko Umumarayika Yanjeko, N'Igikorwa Ciwe

Bene Data kumbure ba. . . Ndabona ivyuma bifata amajwi vyinshi ng'aha, kandi ibi barabifata, ata nkeka. Igihe cose ushatse kumenya ico Mpwemu Yakubariye, uzorabe aba bene Data hano bafise ibi vyuma bifata amajwi, bazoshobora gusubira kuyivuza, ushobore kuronka neza na neza ibijanye n'ivyawe. Hanyuma witegereze urabe namba bidashika neza na neza nk'uko Yavuze, murabona. Iyo mwumvise bivuzwe ngo: "UKU NI KO UHORAHO AVUZE, 'Ikintu kinaka, canke *iki* kimeze *uku*,'" canke mubisuzume gusa mubone namba ari vyo canke atari vyo. Murabona? Vyama bigenda uko.

2 Rero, kugira turonke urufatiro gusa. . . Ndanezerewe uyu mugoroba kubona hari bakeyi gusa muri twebwe hano. Turi abo muhira gusa, si vyo? Ntituri abashitsi, nta n'umwe muri twebwe. Ntidu. . . Ndashobora gukoresha indimburo yanje yo muri Kentucky kandi nkumva nyene ndi muhira, kuko turi—turi gusa. . . Kandi sindiko mvuga nabi Kentucky, nimba hari umuntu hano ava muri Kentucky. Hoba hari umuntu hano ava muri Kentucky? Duza ukuboko kwawe. Vy'ukuri! Nari nkwiye kwiyumva nko muhira nyene, si ko? Ni vyiza cane.

3 Mama yahora afise inzu y'uburaro. Maze umusi umwe njayo kugira ngo menye. . . Hariho umugwi munini w'abagabo wari wafashe uburaro hariya, n'imeza nini, ndende yateguwe. Nca ndavuga nti: "Ni bangahe hano bava muri Kentucky, ni muhaguruke." Bose baciye bahaguruka. Naciye nduga kw'ishengero uwo mugoroba, ishengero ryanje, nca mvuga nti, "Ni bangahe hano bava muri Kentucky?" Bose baca barahaguruka. Nca mvuga nti: "Emwe, ivyo ni vyiza cane." Abamisiyonari barakoze igikorwa ciza, rero turakenguruka cane kubw'ivyo.

4 Ubu rero, mu Gitabu c'Abaroma, igice ca 11 umurongo wa 28. Umviriza neza ubu ugusomwa kw'Ivyanditswe.

> *Ku vy'ubutumwa bwiza, ni abansi kubwanyu; ariko ku vy'ugutoranya kw'Imana, ni abakundwa* ba. . . *kubwa ba sekuruza.*
>
> *Kuko ingabire z'Imana n'*imihamagaro yayo *itavyicuza.*

5 Dusenge. Mwami, dufashe uyu mugoroba aho twegera ibi twubashe, n'umutima wacu wose, ata buryarya, ari ku bw'icubahiro caWe gusa ibi bintu bivugwa. Kandi Umfashe, Mwami, Ushire gusa mu vyiyumviro vyanje ibintu nyene bikwiye

kuvugwa n'ingene vyovugwa. Umpagarike igihe caWe nicagera. Ndasaba ko umutima wose wokwakira ibi bintu ku neza y'abarwayi n'abari n'ivyo bakeneye bari muri iri koraniro. Kuko ndabisavye mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

6 Ubu, ndashaka kuvuga kuri iki gisomwa mu gihe turi bake. Kandi—kandi ndagerageza kutabagumya igihe kirekire cane, Ndashira isaha yanje hano ngerageze uko nshoboye kwose ubu kugira ngo ndabarekure mu mwanya mwiza kugira ngo mushobore kuzogaruka ejo ku mugoroba. Rero, mube mu gusenga. Sinibaza ko wa muhungu yanatanze amakarata. Sinigeze ndamubaza namba ya . . . Kandi namba batazitanze nako namba bazitanze canke atazo batanze, ntaco bitwaye. Turafise amakarata hano uko biri kwose namba bidusaba guhamagara bamwe. Rero, namba atari uko, naho, turaraba gusa ico Mpwemu Yera Avuga.

7 Rero, nimba muza kwumviriza neza . . . Rero, ibi birashobora . . . bivanye n'uko ndi . . . Turi bakeyi gusa hano, ni igihe ciza rero co kuvuga ibi, kuko bi—biraba ubuzima bwanje bwite. Ni co gituma nsomye ibi Vyanditswe uyu mugoroba, ni kugira ngo mubone ko ingabire n'imihamagaro atari ikintu umuntu uwo ari we wese ashobora kuba abereye.

8 Paulo avuga hano, yavuze ati: "Abayuda, ku bijanye n'Ubutumwa Bwiza, barahumishijwe bashirwa kure y'Imana, ivyo, kubwacu." Ariko umurongo w'imbere y'aho nyene, yavuze ati: "Abisirayeli bose bazokizwa." Abisirayeli bose bazokizwa. Bijanye n'ugutoranwa, Imana Data Yarabakunze Ibahuma amaso kugira ngo twebwe abanyamahanga turonke ikibanza co kwihana ubu, kugira ngo, biciye muri Aburahamu, Uruvyaro rwiwe rushobore guhezagira isi yose bijanye n'Ijambo ryaYo. Murabona ukuntu ubwigenge bw'Imana buri? Ijambo ryaYo ritegerezwa gushitswa. NtIshobora kuba ikindi kintu na kimwe. None rero twebwe, ku . . . Imana Yaradutoranije; Yaratoranije Abayuda; kandi Yara . . .

9 Ivyo bintu vyose Imana Yabimenye imbere y'igihe. Igihe Yabivuga ico vyobaye, Yabimenye imbere y'igihe. Rero, Imana, kugira ngo Ibe Imana, Yategerezwa kumenya iherezo kuva kw'itanguriro atari uko ntiYobaye ari Imana Itagira intango n'iherezo. Imana ntIshaka ko hari n'umwe yopfa. Nta nkeka ntibishaka! NtIshaka ko hagira n'umwe apfa. Ariko mu ntango y'itanguriro ry'imisi, i—isi, Imana Yari Izi neza na neza uwokijijwe n'uwutokijijwe. Ntiyashaka ko abantu bazimira, "Si ubugombe bwaYo ko hogira n'umwe azimira, ariko ni ubugombe bwaYo gukiza umuntu wese," ariko Yari Izi kuva mu ntango uwokijijwe n'uwutokijijwe. Ni co gituma Yari Ishoboye kuvuga imbere y'igihe Iti, *"Iki* kintu kizoshika. *Ico* kintu kizoshika," canke, "*Iki* kizoba *kirya*. *Uyu* muntu azoba ameze *gutya*." Murabona?

10 Yari Ishoboye kubimenya imbere y'igihe kuko Itagira intango n'iherezo. Namba muzi ico bisigura, ni ukuvuga gusa ko, "ata kintu na kimwe Itazi." Murabona, Irabizi. Erega, nta kintu na kimwe c'imbere y'igihe, canke inyuma aho ata gihe kizoba kikihari, murabona, Iguma Izi vyose. Vyose biri mu vyiyumviro vyaYo. N'uko rero nk'uko Paulo yabivuze mu Baroma, igice ca 8 n'ica 9, "None ni igiki gituma Ikigaya umuntu?" Rero turabona ivyo, ariko Imana . . .

11 Ni nko kuvuga Ubutumwa Bwiza. Umuntu umwe yavuze ati: "Mwene Data Branham, urizera Ivyo?"

Nca mvuga nti: "Raba."

Aca avuga ati: "Utegerezwa kuba uri Umukaluvinista."

Nanje nti: "Ndi Umukaluvinista igihe cose Ubukaluvinista buri muri Bibiliya."

12 Rero, hariho ishami rimwe kuri ca Giti, ubwo ni Ubukaluvinista, ariko hariho n'ayandi mashami kuri ico Giti, vyongeye. Igiti gifise amashami arenga rimwe. Yashaka gusa kubishikana mu Mutekano w'Ibihe Bidashira, hanyuma haciye akanya uca ukevya ukaja mu nyigisho z'uko abantu bose bazokizwa ugaca ukorokera ahantu kanaka hariya, nta herezo bigira. Ariko iyo ushitse kw'iherezo ry'Ubukaluvinista, ca ugaruka uce utangura ivy'ubu Aruminiya. Murabona, hariho irindi shami kuri ico Giti, n'irindi shami kuri ico Giti, bandanya gusa. Ivyo vyose hamwe ni vyo bigize ico Giti. Rero ndizera u—ubu . . . Ubukaluvinista igihe cose bugumye mu Vyanditswe.

13 Kandi ndizera ko Imana Yari Izi imbere yuko isi iremwa, Yatoranirije Ishengero ryaYo muri Kristo, Ica Ikerera Kristo imbere y'uko isi iremwa. Ivyanditswe ni ko bivuga, ngo: "Yari Umwagazi w'Intama w'Imana Wakerewe uhereye ku kuremwa kw'isi." Murabona? Yesu Yavuze ko Yari Ituzi imbere y'uko isi iremwa, Paulo yavuze ko, "Ya—Yari Ituzi kandi ko Yadutegekanirije gucika abana baYo tubiheshejwe na Yesu Kristo isi itaranabumbwa." Iyo ni Imana. Uwo ni Data wa twese. Murabona?

14 Rero ntimuhagarike imitima, ibintu biriko bigenda neza, ikintu cose kiza mu gihe caco. Ikintu kimwe gusa, ni, ukwinjira muri uwo muzunguruko. Kandi ico ni co—ico ni co ciza ca vyo, uca umenya ingene ukora iyo winjiye muri uwo muzunguruko.

15 Rero, ubu nimurabe, "Ingabire n'imihamagaro ntivyicuzwa," ni bwo buryo bwonyene nashobora—nashobora gushira mu Vyanditswe ihamagarwa ryanje mu Mwami. Kandi nizigiye ko ndi kumwe n'abagenzi uyu mugoroba baza kubitahura ata gukeka kandi bataza kwiyumvira ko ari ivy'umuntu bwite, ariko ko ari kugira ngo mutahure kandi mumenye ico u—ico Umwami Yavuze ko Yokoze, no kubona ikintu kanaka kigendagenda muce mugikurikira.

16 Rero, mbere na mbere, ikintu ca mbere nshobora kwibuka ni iyerekwa. Ikintu ca mbere nshobora kwibuka mu vyiyumviro vyanje ni iyerekwa Umwami yampaye. Kandi haheze imyaka myinshi, myinshi nari umuhungu mutoya. Kandi nari mfise ibuye mu minwe.

17 Rero, ndabasavye imbabazi, ndashobora kwibuka igihe nari nambaye ikanzu ndende. Sinzi namba mwebwe (hari n'umwe muri mwebwe) afise imyaka ikwiye ngo yibuke igihe abahungu batoyi bahora bambara amakanzu maremare. Ni bangahe muri hano bibuka igihe abana bambara, egome, amakanzu maremare? Emwe, ndashobora kwibuka, ndi mu kazu gatoyi ka kera aho twaba, ndiko ndavura hasi. Hanyuma umuntu umwe, sinzi uwo yari we, arinjira. Mama yari yarashoneye agatambara gatoyi—gatoyi k'ubururu kw'ikanzu yanje. Nanje sinashobora no gutambuka neza. Ariko nariko ndavura ico gihe, maze nca nshira urutoke rwanje muri sheregi yari ku birenge vyabo, nariko ndarya iyo sheregi yo ku kirenge ciwe ahagaze iruhande y'iziko, ariko arota. Ndibuka mama anterura n'ingoga kubera vyo.

18 Kandi ikindi kintu gikurikira nibuka, hategerezwa kuba hari nk'imyaka ibiri inyuma y'aho, nari mfise akabuye gatoyi. Kandi aho noba nari mfise nk'imyaka itatu, mutoyi wanje ico gihe yoba atari bwakwize neza imyaka ibiri. Nuko rero twari hanze inyuma mu rugo ahari ikibanza ca kera basaturiramwo inkwi, aho bahora bazana inkwi bagasatura izo inkwi. Ni bangahe bibuka ivyo bihe aho mwahora mukwegera ibiti mu kigo mukabisatura? Ni kuki none nambaye ikaruvati uyu mugoroba? Ndi—ndi neza neza muhira.

19 Rero igihe ba . . . Aho muri ico kibuga ca kera aho basaturira inkwi hariho akagezi gatoyi kamanuka aho, kava mu mbizi. Twari dufise umukuza wa kera twadahisha aho kuri iyo mbizi aho twavoma amazi tukayashira mu ndobo ya kera, indobo ishaje y'isederi, tugaca tuyamanukana.

20 Ndibuka igihe nabonye ubwa nyuma nyokuru wanje, w'umutamakazi imbere y'uko apfa, yari afise imyaka ijana na cumi. Igihe yapfa, naramufashe mu maboko yanje ndamugumya gutya imbere gato y'uko apfa. Yarankikije amaboko yiwe, aca avuga ati: "Imana Ihezagire umushaha wawe, mukundwa, ubu n'ibihe bidashira," igihe yapfa.

21 Kandi sinibaza ko uwo mugore yigeze agira i—ibirato vyiwe bwite, mu buzima bwiwe. Ndibuka ndamwihweza, mbere n'igihe nari umusore, naragenda kubaraba, buri gitondo yaravyuka, n'amaguru masa, agaca muri iyo sheregi gushika ku mbizi, akazana indobo y'amazi akagaruka, ibirenge vyiwe biri muri yo nyene. Kubw'ivyo rero ntaco bikugira, yarabayeho gushika ku myaka ijana na cumi. Rero (egome, mushingantahe) yari umuntu akomeye cane, cane, na we nyene.

22 Nuko rero ndibuka ko yashaka kumbwira ivy'amabiye ya dawe yakinisha akiri muto. Naciye nibwira nti, "Mbega none uwo mugogwa ashaje, aza kwurira gute kuri iryo dari?" Kari akazu gatoyi, gashaje k'ivyumba bibiri, kandi kari gafise idari hejuru. Kandi bari bafise ibiti bibiri batemye, bakora ingazi, yo kwuririrako. Emwe, navuze . . .

23 Emwe, rero, yavuze ati: "Ubu, inyuma y'imfungurwa zo ku murango ndaza kukubwira, kukwereka amabiye ya—ya papa wawe."

Nca mvuga nti: "Ni vyiza cane."

24 Rero yari agiye kuyanyereka, mw'isandugu iri hejuru aho yari afise ibintu vyiwe yabitse nk'uko abakurambere babigira. Nanje nca nibwira nti: "Mbega yemwe uwo mugogwa w'umutamakazi aza kuduga gute iyo ngazi?" Kubw'ivyo rero nca ndegera mvuga nti: "Nyoku," mvuga nti: "ubu, rindira, mukundwa, ndurira ng'aho ndagufashe."

25 Aca avuga ati: "Guma ku ruhande." Yaduze iyo ngazi bwa muhare. Aca avuga ati: "Neza, ngw'ino rero!"

Nca mvuga nti: "Ni vyiza, Nyokuru."

26 Naciye nibwira nti: "Oo, bagenzi, iyoba nari nshoboye kuba nk'uko gusa, inguvu nk'izo muri jewe ku myaka ijana na cumi!"

27 Nuko, rero ndibuka ko nari kuri iyo mbizi ntoyi ya kera, kandi nari mfise ibuye ndiko ndariterera hasi gutyo, mu vyondo, ngerageza kwereka mutoyi wanje ingene nkomeye. Hariho inyoni yari hejuru mu giti yariko irazwiragira, iza irataragurika, agafundi canke ikintu nk'ico. Nuko, ako gafundi, nibajije ko kamvugishije. Nanje ndahindukira ndumviriza, iyo nyoni ica iraguruka, maze Ijwi rica rivuga riti: "Uzomara igice kinini c'ubuzima bwawe hafi y'igisagara citwa New Albany."

28 Aho ni ku birometero bitanu uvuye aho nakuriye. Twaciye tujayo, haciye nk'umwaka, aho hantu, ata ciyumviro co kujayo twari dufise . . . New Albany. Mu buzima bwose, ingene ivyo bintu . . .

29 Rero, nimurabe, abantu bo mu muryango wanje ntibari abantu basenga. Data na mama ntibaja ku rusengero. Imbere y'aho, bari Abagatolika.

30 Umwishwa wanje muto yicaye ahantu kanaka hano uyu mugoroba, ndibaza, sindabizi. Ni umusoda. Ndamusengera. Na we ubwiwe ni Umugatolika, aracari Umugatolika. Kandi ejo ku mugoroba, igihe yari ng'aha akabona ivyo bintu vy'Imana, yari ahagaze aha nyene imbere. Yavuze, ahagaze aho, avuga ati: "Datawacu Bill?" Yamaze igihe kirekire hakurya y'amazi, ati: "Igihe nabona ivyo . . . " Ati: "Ivyo—ivyo ntibishika mw'ishengero Gatolika." Yavuze ati: "Ivyo . . . Ndi—ndizera, Datawacu Bill, ko uri mu kuri," niko yavuze.

31 Nca mvuga rero nti: "Mukundwa, si *jewe*, ni We Ari mu kuri. Urabona, ni *We* Ari mu kuri." N'uko rero aca avuga ko ya . . . Navuze nti: "Rero, sindagusavye ngo ukore ikintu na kimwe, Melvin, ariko nukorere gusa Umwami Yesu Kristo n'umutima wawe wose. Ni ugende aho ushaka hose. Ariko umenye neza ko mu mutima wawe Yesu Kristo Yavutse bushasha, urabona, mu mutima wawe. Aho rero uzoje mw'ishengero ryose ushaka inyuma y'ivyo."

32 Rero, ariko ba sokuru banje bari Abagatolika. Data yari umunya Irlande na mama nyene yari umunya Irlande. Ikintu conyene civanze mu maraso y'ikinya Irlande, nuko nyokuru yari Umuhindi w'Umuceroki. Mama ni nk'imvange. Kubw'ivyo rero jewe . . . kuri jewe, ni . . . urunganwe rwacu, inyuma y'urwa gatatu biba vyarazimanganye. Ariko ni aho honyene habaye uguciribwamwo kuba Umunya Irlande atavanze, amazina yabo yari Harvey na Branham. Kandi rero imbere y'aho harabaye Lyons, rikaba na ryo nyene ari izina ry'ikinya Irlande. Hanyuma rero bose bari Abagatolika. Ariko jewe ubwanje, nta kumenyerezwa canke inyigisho bijanye n'ivyo gusenga twari dufise na gato, nk'abana.

33 Ariko izo ngabire, ayo mayerekwa, narabona amayerekwa ico gihe nyene nk'uko nerekwa ubu, ivyo ni vyo, kuko ingabire n'imihamagaro biticuzwa. Ni ukumenya ibitaraba kw'Imana, Imana Iriko Ikora ikintu kinaka. Mu buzima bwanje bwose naratinya kugira ico ndabivugako.

34 Mwarasomye inkuru yanje muri ka gatabu gatoya kitwa *Yesu Kristo Wa Wundi Nyene Ejo, Uno munsi, N'Ibihe Bidashira*. Nibaza ko biri mu bitabu bimwe bimwe, ivyo bindi. Ni vyo ga Gene? Mbega biri muri iki, muri iki gitabu tumenyereye—tumenyereye, muri ca—muri ca gitabu dufise ubu? Mbega ni, *Inkuru y'Ubuzima*? Nibaza ko ari co. Hanyuma igihe twari . . . Mbega ivyo ntibiteye ubwoba? Ibitabu vyanje bwite, nkaba ntarigera ndabisoma, jewe ubwanje. Ariko ni uwundi avyandika, kubw'ivyo rero ni ikintu gusa baba bafatiye mu bikorane. Ivyo mba nabiciyemwo, rero nama niteze iminsi yose ko hari ikindi kintu gishika. Kubw'ivyo, rero, ni vyiza, narasomye ibicebice vyavyo, aha na hariya, uko ndonse akaryo.

35 None rero, uko biri kwose, nkiri a—nkiri agahungu gatoyi, murazi rya yerekwa ingene ryambwiye, nari mfise nk'imyaka indwi, ryavuze riti: "Ntuze unywe inzoga canke ngo unywe itabi canke ngo uhumanye umubiri wawe mu buryo na bumwe, hariho igikorwa uzokora niwakura." Kandi ivyo mwarumvise bivugwa mu gitabu. Ego cane, ni ko biri. Igihe cose ivyo vyabandanije bishika.

36 Maze kuba umukozi w'Imana, emwe, vyaciye bi—vyaciye bitangura vy'ukuri gushika igihe cose.

37 Hanyuma ijoro rimwe narabonye Umwami Wacu Yesu. Ibi ndiko ndabivuga mfise uruhusha, ndavyizera, ruvuye kuri Mpwemu Yera. Urya Mumarayika w'Uhoraho Aza si Umwami Yesu. Ntasa na We muri iryo yerekwa nyene. Kuko, iyerekwa nabonye ry'Umwami Yesu, Yari Umugabo mutoyi. NtiYari . . . Nari nagiye hanze mu murima, nsengera papa. Narasubiye muhira nca nja ku gitanda, maze iryo joro naramwitegereje mvu—mvuga nti: "O Mana, mukize!"

38 Mama yaramaze gukizwa kandi nari naramubatije. Niho nibwira nti: "Oo, papa aranywa inzoga cane." Nca ndibwira nti: " Ese noshobora gusa kumushikana ku kwemera Umwami Yesu!" Narasohotse, nca ndyama ku gatanda gatoyi ka kera hanze mu cumba c'imbere, hafi y'umuryango.

39 Maze Ikintu Kanaka Kirambwira Kiti, "Haguruka." Nca ndahaguruka, ntangura kugenda, nca nsubira muri wa murima wari inyuma yanje, umurima wa kera urimwo ivyatsi vy'umuyange.

40 Kandi aho, nta metero zitatu uvuye aho nari zari zihari, hari hahagaze Umuntu; Yambaye impuzu yera, Umugabo mutoyi; yari azinze amaboko yiwe *gutya*; ubwana, busa nk'aho ari bugufi; umushatsi ushika ku bitugu vyiWe; kandi Yariko Araba ku ruhande uvuye aho nari ndi, nk'*ukwo*; yasa n'umunyamahoro. Ariko sinashobora kubitahura, ukuntu ibirenge vyiWe, kimwe cari inyuma y'ikindi. Umuyaga wariko urahuhuta, impuzu yiWe iriko irahungabana, na vya vyatsi vy'umuyange bihungabana.

41 Nariyumviriye nti: "Ubu, rindira gatoya." Naririye amenyo. Nca mvuga nti: "Ubu, sinsinziriye." Nca ndashikura, myoza agace gatoya k'uwo muyange, murazi, nkuramwo nk'agati ko kwihaganyuza mu menyo. Nca ndagashira mu kanwa. Nca ndahindukira nerekeza amaso ku nzu. Nca mvuga nti: "Oya, nari hariya ndiko nsengera data, hanyuma Ikintu kanaka kimbwira ngo nsohoke nze hano, ehe none uyu Muntu Ahagaze hano."

42 Nca ndiyumvira nti: "Asa n'Umwami Yesu." Niyumvira nti, "Ndibaza namba ari We?" Yariko Araraba neza na neza, Yerekeje aho inzu yacu iri ubu. Naciye rero nzunguruka muri *uru* ruhande kugira ngo ndabe ko noshobora kuMubona. Kandi narashobora kubona uruhande rwo mu maso hiWe nk'uko. Ariko We . . . nategerezwa guhindukira *gutya* kugira ngo ndaMubone. Nca ngira nti: "Uhm!" NtiYigeze Anyiganga. Nca ndiyumvira nti: "Nibaza ko noMuhamagara." Nca mvuga nti: "Yesu." Maze kuMuhamagara, Yaciye Ahindukira *gutya*. Ivyo nivyo nibuka vyonyene, Yaramvuye amaboko yiWe gusa.

43 Nta muhinga mu vyo gushushanya kw'isi yoshobora gushushanya ishusho yiWe, uko Asa mu maso hiWe. Iyo maze kubona iruta izindi ni wa *Mutwe wa Kristo ku Myaka Mirongo Itatu n'Itatu* ya Hofmann, Ndayifise mu bitabu vyose no ku bintu vyose nkoresha. Ni kubera ko ivyo bisa na yo nyene,

kubw'ivyo rero . . . canke yegereye cane, vyegereye cane uko bishobora.

44 Yasa n'Umuntu, hamwe Yovuga, isi yoca ihera, ariko kandi yuzuye urukundo rwinshi n'uburwaneza gushika aho u—u . . . naciye nitura hasi. Izuba riserutse, nisanze mu mutwenzi, ishati yanje yo kurarana yatose kubera amosozi, igihe natora ubwenge, naciye ngenda, nca muri uwo murima w'ivyatsi vy'umuyange, nsubira muhira.

45 Narabibwiye umugenzi wanje w'umukozi w'Imana. Aca avuga ati: "Billy, ivyo bizokugira umusazi." Aca avuga ati: "Iyo ni dayimoni." Arongera ati: "Ntutwarwe n'ibintu nk'ivyo." Ico gihe nari umukozi w'Imana w'Umubatista.

46 N'uko, naciye nja ku wundi mugenzi wanje wa kera. Ndicara ndaBimubwira. Mvuga nti: "Mwene Data, Ivyo ubibona gute?"

47 Avuga ati, "Billy, reka ndakubwire." Avuga ati: "Nibaza ko hamwe wogerageza kuzigama ubugingo bwawe neza, wigisha gusa ibiri hano muri Bibiliya, ubuntu bw'Imana n'ibindi, ndi wewe sinokurikira ibintu bidasobanutse, ibintu nk'ivyo."

48 Nanje nti: "Mushingantahe, si ugushaka kwishira mu bintu bidasobanutse." Nti: "Ikintu conyene ndiko ngerageza kumenya ni ico iki ari co."

49 Aca avuga ati, "Billy, haraheze imyaka myinshi bahora bafise ivyo bintu mu mashengero. Ariko," ati: "intumwa ziheze, ivyo na vyo nyene vyaheranye na zo." Arongera ati: "Ubu ikintu conyene dufise ki . . . abashoboye kubona ivyo bintu bose," ati, "ni abasenga imizimu, abadayimoni."

Nca mvuga nti: "Oo MweneData McKinney, aho urashimitse?"

Nawe ati: "Ego, mushingantahe."

Nanje nti: "Oo Mana, ngirira imbabazi!"

50 Nca mvuga nti: "Jewe—jewe . . . Oo, Mwene Data McKinney, wo—womfasha gusenga kugira ngo Imana Ntize Yigere Ireka ngo binshikeko? Urazi ko ndaYikunda kandi sinshaka kwihenda muri ivyo bintu." Navuze nti, "Uramfasha gusenga."

51 Aca avuga ati, "Ndabikora, MweneData Billy." Nuko rero duca turasengera aho nyene mu—mu nzu y'abakozi b'Imana.

52 Nabajije abakozi b'Imana batandukanye. Inyishu yaba yayindi nyene. Maze nca ndagira ubwoba bwo kubabaza, kuko bohavuye biyumvira ko ndi idayimoni. Jewe rero si—sinashaka kumera gutyo. Nari nzi yuko hari ikintu kinaka cari cabaye mu mutima wanje. Rero, ni ivyo, hari—hariho ikintu cari cabaye mu mutima wanje. Sinashaka kuba gutyo, namba.

53 Rero inyuma y'imyaka, narumvise umunsi umwe hariya mw'ishengero Rya Mbere ry'Ababatista aho nari umunywanyi ico gihe, numvise umuntu avuga ati, "Murazi, ese iyo muba

mwaragiye kumviriza ba beranda bikumbagaza ejo ku mugoroba."

54 Nca ndiyumvira nti, "Aberanda bikumbagaza?" Maze umugenzi wanje, Walt Johnson, umuririmvyi w'ijwi ryo hasi, nca mvuga nti: "Ivyo vyari ibiki, ga Mwene Data Walt?"

Aca avuga ati: "Umugwi wa barya ba Pentekoti."

Nanje nti: "Iki?"

55 Avuga ati: "Abapentekoti!" Ati: "Billy, iyo ubona ivyo," ati: "Bariko bikumbagaza hasi gutyo basimbagurika." Arongera ati: "Bavuga ko bategerezwa kudebagura mu ndimi kanaka zitazwi ngo bitagenze uko ntibaba—ntibaba barakijijwe."

Nanje nti: "Aho ni hehe?"

56 "Oo," ati: " ni igikorane gitoya co mw'ihema hariya, hakurya y'i Louisville." Ati: "Ni abirabure, nta bandi."

Nca mvuga nti: "Uh-huh."

Nawe ati: "Hariyo abazungu benshi hariya."

Mvuga nti: "None na bo nyene barakoze ivyo?"

Ati, "Ego, ego! Barabikoze, nabo."

57 Nanje nti: "Ivyo biratangaje, abantu baratwarwa n'ibintu nk'ivyo." Ndavuga nti: "Emwe, nibaza ko dutegerezwa kuronka ivyo bintu." Ku munsi w'iyinga mu gitondo, sinzokwigera ndavyibagira. Yariko ararya igice c'igishishwa c'umucungwa cumye kubera yari yaguwe nabi mu nda, ndashobora kubibona neza nk'uko hoba hari ejo hahise. Nca nibwira nti: "Kudebagura, gusimbasimba, ni ubwoko ki bw'amadini bazoronka inyuma y'ivyo?" Nca rero ndi—ndibandaniriza.

58 Mu nyuma y'aho, narahuye n'umutama umwe ari hano mu rusengero kumbure muri aka kanya, canke yarabaye hano ku rusengero, yitwa John Ryan. Nahuriye na we ahantu hamwe . . . Wa mutama afise ubwanwa burebure n'imishatsi miremire, ashobora kuba ari hano. Niyumvira yuko yava hariya i Benton Harbor, ku Nzu ya Dawidi.

59 Kandi bari bafise ikibanza i Louisville. Nariko ngerageza kurondera abo bantu, bavyita Ishure ry'Abavugishwa. Naciye rero nibwira ko nzoja kuraba ivyo ari vyo. Emwe, nta n'umwe nabonye yikumbagaza hasi, ariko bari bafise inyigisho ziyobeye. Aho ni ho nahuriye n'uwo mutama, yarantumiye ngo nje iwe.

60 Naragiyeyo mu kiruhuko. Umunsi umwe mu gihe nari hariya, narasubiye iwe nsaga yaragiye, yari yagiye ahantu kanaka muri Indianapolis. Umugore wiwe yavuze ati: "Umwami Yaramuhamagaye".

Nanje nti: "Ushaka kuvuga ko ureka uwo mugabo akagenda gutyo?"

61 Aca avuga ati: "Oo, ni umukozi w'Imana!" Uwo mutamakazi mugogwa haheze indwi nkeyi apfuye, ni ko numvise. Kandi yaramukunda cane. Bagenzi, umogore nk'uwo ni we wo kugira! Ni vyo. Yaba mu kuri canke ataba mu kuri, uko biri kose ari mu kuri! Navuze . . . Emwe, nari nzi ko ba . . .

62 Rero we . . . Mwene Data Ryan, uri hano? Ntari hano. Ni ho yari ejo bundi, sivyo, ga bahungu?

63 Rero, babeshwaho gusa n'ivyo bashoboye kuronka, na we ntaco yari afise co kurya muhira. Ni vyo. Nari narovye ifi nkeyi mu kidengeri, canke mu kiyaga, i Michigan, nca nongera guca—nca nongera guca iwabo. Kandi nta n'amavuta y'ingurube bari bafise mu nzu, canke amavuta yo gutekesha ifi. Nca mvuga nti: "Yagiye ata na kimwe asize mu rugo?"

Ati: "Oo, ariko ni umukozi w'Imana, Mwene Data Bill!" Ati: "Ya . . ."

64 Nariyumviriye nti: "Ego, umutima wawe uhezagirwe. Mwene Data, nditeguye kugushigikira." Ni vyo. "Nimba wiyumvira ivyiza ukungana gutyo ku mugabo wawe, nditeguriye kwifatanya nawe no kugushigikira kubw'ivyo." Ni vyo. Turakeneye abagore benshi nk'abo uyo musi, n'abagabo benshi biyumvira abagore babo gutyo. Uko ni ukuri. Amerika yobaye nziza cane iyoba abagabo n'abagore boshize hamwe nk'uko. Baba mu kuri canke mu makosa, gumana na bo. Nta kwahukana kwinshi nk'ukuhari kwobayeho.

65 Nuko rero twa—twaragiye . . . Hanyuma ndabandanya. Ndi mu nzira ntaha, cari ikintu gitangaje, naciye i Mishawaka. Hanyuma mbona imiduga mitoya—mitoya ya kera rero, ihagaze mw'ibarabara, yitwa . . . yariko ivyandiko bininiya bivuga ngo, "Yesu Wenyene." Nca ndibaza nti, "Ni iki . . . 'Yesu Wenyene,' bitegerezwa kuba ari ivy'ugusenga." Nca ndajayo kandi hariho n'amakinga vyari vyanditseko ngo, "Yesu Wenyene." Ama Cadillac, ama Ford Ubwoko bwa-T, ikintu cose, cari canditseko, "Yesu Wenyene". Nca ndibwira nti: "Emwe, ndibaza ivyo ari vyo?"

66 N'uko nca ndakurikirana; nca nja gusanga ari igikorane c'abasenga, hagati y'abantu igihumbi n'amajana atanu gushika ku bihumbi bibiri bari ng'aho. Hanyuma aho niho numva uko gusemerera kose no gusimbasimba, n'ibindi. Nca ndiyumvira nti: "Kumbure, aha ni ho ngire mbonere ico ari co aberanda bikumbagaza."

67 Rero Nari mfise imodoka yanje Ford ya kera, murazi, iyo navuga ko yokora ibirometero mirongo itanu kw'isaha, mirongo ibiri na bitanu muri *uru* ruhande na mirongo ibiri na bitanu iduga imanuka muri *uru* ruhande. Naciye rero ndayishira ku ruhande, nda . . . maze kuronka aho mpagarara, naciye nsubira inyuma n'amaguru. Nca ndinjira, ndaraba hirya no hino, umuntu wese yari ashoboye guhagarara yari

ahagaze. Vyansaba ko ndaba ncishije hejuru y'imitwe yabo. Barasemerera, bagasimbasimba, bakagwa hasi, bakagira ibintu. Nca ndiyumvira nti: "Huum, uhm, mbega abo ni abantu ki!"

68 Ariko uko nahamara umwanya, ni ko niyumva neza. Nca ndiyumvira nti: "Ivyo bisa n'ibintu vyiza cane." Ndiyumvira nti: "Nta kibazo kiri muri abo bantu. Si abasazi." Narashitse aho nganira na bamwe muri bo, maze ba—bari abantu beza. Nca mvuga nti . . .

69 Rero, ni ico gikorane nyene nagiyemwo nkamarayo ijoro ryose iryo joro, maze bukeye ndasubirayo. Muramaze kunyumva ndabivuga mu nkuru y'ubuzima bwanje. Nari kumwe imbere n'abakozi b'Imana ijana na mirongo itanu, canke amajana abiri, kumbure barenga, kandi bashaka ko umuntu wese ahaguruka gusa akavuga aho ava. Nca mvuga nti: "Umuvugabutumwa William Branham, Jeffersonville," nca ndicara, "Umubatista," rero, nca ndicara. Umwe wese yaravuga aho ava.

70 N'uko bukeye mu gitondo igihe nashikayo . . . Naryamye mu murima ijoro ryose iryo joro, nca ntsindagirira ipantaro yanje hagati y'intebe zibiri za ya Ford, murazi, nda—nda . . . ipantaro ishaje yo mu bwoko bwa seersucker, n'agapira gatoyi, murazi. Bukeye rero mu gitondo naragiye mw'ikoraniro, nambaye agapira kanje gatoyi. Nari nagiye . . .

71 Nari mfise amadorari atatu yonyene, kandi nategerezwa kugura igitoro gikwiye kugira ngo nshobore gushika i muhira. Naciye ni—nigurira udukate, bwa bwoko bwa kera, murazi, ariko nari meze neza. Nca nja aho bavoma amazi azimya umuriro, nivomera ikirahuri c'amazi, murazi, kandi twari tumeze neza cane. Rero naratubombetse gatoyi, nca nironkera akavunamusase.

72 Rero, nari gushobora gusangira na bo, barya kabiri ku munsi. Ariko bivanye n'uko ata na kimwe nari nshoboye gushira mu mashikanwa, kubw'ivyo rero sinashaka—sinashaka kuvumba.

73 Hanyuma rero nda—hanyuma ndinjira ico gitondo, bavuga bati . . . Ntegerezwa kubabwira nyene iki gice. Nuko ndinjira ico gitondo, bavuga bati: "Turiko turondera William Branham, umuvugabutumwa akiri muto yari aha imbere ejo ku mugoroba, Umubatista." Bati: "Turashaka ko avuga ubutumwa iki gitondo." Narabonye ko bihava bingora cane, hamwe n'uwo mugwi w'abantu, jewe Umubatista. Kubw'ivyo rero naciye nsa n'uwubunda mu ntebe. Nari nambaye ipantaro ya seersucker n'agapira; murazi, natwe twambara nk'abakozi b'Imana, kubw'ivyo . . . Naciye nicara inyuma mu ntebe yanje nk'uku. Yarabajije incuro zibiri canke zitatu. Nari nicaranye na mwene Data umwe w'umwirabure.

74 Igituma bagiriye igikorane cabo mu Buraruko, ni uko ico gihe hari ivanguramoko mu Bumanuko. Kubw'ivyo rero ntibashobora kukigirira mu Bumanuko.

75 Kubw'ivyo rero naguma nibaza ivyo vya "Yesu Wenyene" ivyo ari vyo. Nca ndiyumvira nti: "Igihe cose ari Yesu, ni vyiza. Rero ntaco bihindura vyaba . . . uko bimeze, igihe cose ari We."

76 Naragumye nicaye aho gatoyi ndabitegereza, baca barahamagara kandi incuro zibiri canke zitatu. Maze uwo mwene Data w'umwirabure aca arandaba, avuga ati: "Uramuzi?" Nda—nda—nda . . . agahinyuza kari aho. Sinashobora kubesha uwo mugabo, ntavyo nashaka.

Nca mvuga nti: "Raba, mwene Data. Ego, ndamuzi."

Aca avuga ati: "None, genda umurondere."

77 Nca mvuga nti: "Reka, nda—ndakubwire, mwene Data," mvuga nti: "Ni jewe. Ariko, urabona," mvuga nti: "raba, na . . . iyi pantaro ya seersucker."

"Dugayo."

78 Nca mvuga nti: "Oya, sinshobora kuduga hariya," mvuga nti: "nambaye ipantaro, nk'iyi, n' aka gapira."

Aca avuga ati: "Abo bantu bo ntibitaho ingene wambaye."

79 Nanje nti: "Ariko, umviriza, ntubivuge. Uravyumva?" Mvuga nti: "Urabona, nambaye iyi pantaro ya seersucker, kandi sinshaka kuduga hariya."

Baca bavuga bati: "Mbega hari uwoba azi aho William Branham ari?"

Aca avuga ati: "Ng'uyu hano! Ng'uyu hano!"

80 Oo, bagenzi! Naratukuye mu maso vy'ukuri, murazi; ata n'ikaruvati nambaye, murazi; n'ako gapira ka kera, murazi, k'amaboko magufiya nk'uku. Naciye ntambuka ngenda, amatwi yanje ariko arasha. Sinari bwigere negera imikoro.

81 Hanyuma rero nca ntangura kuvuga ubutumwa ng'aho, nca mfata igisomwa, sinzokwigera ndacibagira, "Wa mutunzi yunamuye amaso ari i kuzimu, aca ararira." Jewe, incuro nyinshi, ndigisha ku tuntu dutoduto dutatu nk'utwo, "Ingo, urabe umuntu," "Mbega urizeye ivyo?" canke ngo "Maze ararira." Naguma rero nsubiramwo mvuga nti: "Nta mashurwe yariyo, aca ararira. Nta bikorane vy'amasengesho vyariyo, aca ararira. Nta bana bariyo, aca ararira. Nta ndirimbo, aca ararira." Nanje nca ndarira.

82 Rero vyose bimaze kurangira, erega, bagenzi, baragize gusa . . . bose bari bankikuje, bashaka ko noja kubakoresha igikorane. Nca ndiyumvira nti: "Ni ukuvuga, kumbure ndi umweranda yikumbagaza!" Murabona? Rero nca ndiyumvira nti, "Kumbure . . ." Murabona, bari abantu beza cane.

83 Nariko ndagendagenda hanze. Umugabo umwe yari yambaye ibirato vy'aba cowboy, n'inkofero nini y'aba cowboy, nca ndamubaza nti: "Wewe uri nde?"

Aca avuga ati: "Ndi Umukurambere *Naka* wo muri Texas."

Nca ndiyumvira nti: "Yemwe, wogira ngo . . . "

84 Uwundi mugabo yaregereye yambaye bene ka gapantaro gaherera hepfo y'amavi, murazi, bahora bambara bakina umukino wa golf, na bene twa dupira dutoduto tw'abakinyi. Avuga ati: "Ndi Revera *Naka* wo muri Florida. Woshobora kuza ugakoresha . . . "

85 Nca ndiyumvira nti: "Ntaco nkwiye kwinona, bahungu, hamwe n'iyi pantaro ya seersucker n'agapira. Vyo biragendeka."

86 Rero, mwaranyumvise mvuga ivyo bintu mu nkuru y'ubuzima bwanje, kubw'ivyo rero ngomba ngarukirize hano kugira ndababwire ikintu ntari bwigere ndababwira. Ica mbere, nashaka kubasaba . . . nagomba ndabirengane. Sinari bwigere ndabivuga ku mugaragaro, mu buzima bwanje. Nimwansezeranira ko munkunda kandi ko muzogerageza kunkunda nk'uko nyene maze kuvuga ibi nk'uko munkunda ntarabivuga, muduze ukuboko. Ni vyiza. Iryo ni isezerano ryanyu, nzobafatira kuri ryo.

87 Mu gihe nari nicaye mw'ikoraniro uwo mugoroba, mu gihe baba bariko bararirimba indirimbo barakoma amashi. Bararirimba bati: "Jewe . . . " Ya ndirimbo ntoya, "Nzi ko ari Amaraso. Nzi ko ari Amaraso." Bakiruka baduga bamanuka mu mirongo, n'ibindi, kandi basemerera bahimbaza Umwami. Naciye nibwira nti: "Ivyo kuri jewe numva ari vyiza cane." Nca ntangura . . .

88 Bisunga igihe cose Ivyakozwe n'Intumwa 2:4, Ivyakozwe n'Intumwa 2:38, Ivyakozwe n'intumwa 10:49, ivyo vyose. Nca ndibwira nti: "Koko, ivyo ni Ivyanditswe! Sinari bwigere gusa ndaBibona gutyo imbere." Ariko, oo, umutima wanje warararumba, ndiyumvira nti: "Ibi ni vyiza cane!" Niyumvira ko wari umugwi w'aberanda bikumbagaza igihe nababona ubwa mbere, nca ndiyumvira nti: "Oo, bagenzi! Noneho ni umugwi w'abamarayika." Murabona, nahinduye ivyiyumviro vyanje ningoga.

89 Bukeye rero mu gitondo Umwami Amaze kumpa ako karyo gahambaye ko kuja gukora ivyo bikorane, nariyumviriye nti, "Oo, bagenzi, nzokwifatanya n'uyu mugwi w'abo bantu! Bitegerezwa kuba ari vya bindi bahora bita 'Abametodiste bavuza induru.' Barashitse kure gato nta kindi," niko niyumviriye. "Kumbure ni ivyo." Kubw'ivyo rero nca ndibwira nti: "Ego, ndi . . . ata nkeka ndabikunda. Oo, hari ikintu kuri bo nkunda, baricisha bugufi kandi ni abarwaneza."

90 Rero ikintu kimwe ntashobora gutahura kwari uko kuvuga mu ndimi, ivyo vyaransiga. Nanje . . . Hariho umuntu umwe, tuvuge, yari yicaye *hano* n'uwundi *hano*, ni bo bari abarongozi b'uwo mugwi. *Uyu* yarahaguruka akavuga mu ndimi, *uyu* nawe akabisobanura bakavuga ibintu ku vyerekeye igikorane n'ibindi. Nca ndiyumvira nti: "Bagenzi, huum, ntegerezwa

kubisoma!" Rero barakabukanya, bikaza kuri *uyu* bigasubira kuri *urya*; kandi umwe wese yaravuga mu ndimi, agasobanura. Abandi basigaye mw'ishengero baravuga, ariko ntivyasa n'uko insobanuro iza nko kur'abo bagabo babiri. Rero, nabonye bicaye hafi na hafi, nca ndiyumvira nti: "Oo, bagenzi, bategerezwa kuba ari Abamarayika!" Rero mu gihe nari nicaye inyuma . . .

91 Ico vyari cose (murazi) ntashobora gutahura, vyaranjeko. Ndafise uburyo bwo kumenya ibintu iyo Umwami Ashatse ko ndabimenya, murabizi. Kandi jewe nta . . . Ni co gituma mvuga ko ntavuga ibi hanze, nta na rimwe nari bwa bikore ku mugaragaro. Iyo vy'ukuri hari ico nshaka kumenya, Umwami kenshi Arambwira ivyo bintu. Ico ni co ingabire ibereyeho, murabona. Rero ivyo ntushobora gupfa kubiterera imbere y'abantu gusa, vyosa no guterera imaragarita zawe imbere y'ingurube. Ni ikintu cubashwe, ceranda, kandi ivyo ntawugomba kubikora. Rero, Imana Yobimparurako. Nk'ukuvugana na bene Data n'ibindi, sinogerageza kumenya ikintu kibi kuri mwene Data.

92 Igihe kimwe nicaye ku meza n'umugabo umwe, yari amfashe ku bitugu, avuga ati: "Oo Mwene Data Branham, ndagukunda." Maze nanje nkaguma numva hariho ikintu kigendagenda. Nca ndamwitegereza. Ntiyari gushobora kumbwira ivyo; nari nzi ko atankunda, murabona, kuko vyari ivyo. Yari indyarya ibushitse, nimba harigeze kubaho indyadya, murabona, kandi aho nyene amfashe ku bitugu.

93 Nca mvuga nti: "Emwe, ni vyiza," nca ndagenda. Sinshaka kubimenya. Nopfuma ndamumenya gusa uko ndamuzi, nka mwene Data, nkabireka gutyo. Nkareka Imana Igakora ibisigaye. Murabona? Kandi sinshaka . . . sinzi, sinshaka kumenya ivyo bintu.

94 Kandi kenshi kuri ibi bintu, si ng'aha mw'ishengero. Mba nicaye mu cumba, nicaye mu buriro, maze Mpwemu Yera Akambwira ibintu bizoshika. Abantu bari hano nyene barazi ko ari ukuri. Ndashobora kwicara i muhira nkavuga nti: "Rero, wiyubare, hari imodoka ihava iza mu kanya. Azoba ari umuntu *kanaka*. Mubinjize, kuko Umwami Yavuze ko bazo kuza." "Nitwamanukana ibarabara, hari ibintu *ibi n'ibi* biza gushika. Urabe neza aho bajabukira, kuko urahakwa kugongwa." Kandi murabe gusa ko atari uko biba, murabe, igihe cose, uko nyene neza na neza! Rero ntushaka kwisuka cane muri ivyo, kuko wo . . . Ni—ni . . . Ushobora kubikoresha, ni ingabire y'Imana, ariko utegerezwa kuraba ivyo uyikoresha. Imana Izobiguharurako.

95 Nimurabe Mose. Mose yari umuntu yatumwe n'Imana. Ivyo muravyizera? Yaratoranijwe, agenwa imbere y'igihe, ashirwaho nk'umuvugishwa! hanyuma Imana Yaramutumye hariya, Ivuga Iti: "Genda ubwire igitandara," inyuma y'aho cari kimaze

gukubitwa. Iti: "Genda ubwire igitandara, kizoca gitanga amazi."

96 Ariko Mose, ashavuye, yiruka hariya, akubita ico gitandara. Amazi ntiyaza, yongera aragikubita, ati: "Mwa bagarariji mwe! Mbega dutegerezwa kubakurira amazi muri iki gitandara?"

97 Murabona ico Imana Yakoze? Amazi yaraje, ariko Iravuga Iti: "Duga hano, Mose." Ivyo vyari biheze, murabona. Utegerezwa kuraba ivyo bintu, kugira ngo u. . . ico ukoresha ingabire z'Imana.

98 Ni nk'umuvugabutumwa umwe, umuvugabutumwa mwiza w'inguvu, yoja kuvuga ubutumwa ngo yegeranye amashikanwa n'amahera gusa, Imana Izobimubaza. Ni vyo. Utegerezwa kuraba ico ukoresha ingabire z'Imana. Kandi, canke kugerageza kwironkera icubahiro cinshi canke izina rihambaye ry'ishengero rinaka, canke kwironkera izina rihambaye ubwiwe. Nopfuma ngira imigoroba ibiri canke itatu y'ibikorane ngaca nja ahandi hantu, nkicisha bugufi, nkaguma hasi. Murazi ico nshaka kuvuga. Ego, mushingantahe, ugume mu kibanza cawe aho Imana Ishobora kukugirako uburenganzira.

Ibi bijanye n'Ubugingo bw'imbere rero ubu, mwibuke.

99 Hanyuma rero uwo munsi, nariyumviriye nti: "Rero, ngiye kwegera." Naciye nyene numva ikintu kingabisha kuri abo bantu, ndibwira nti: "Ndaza kumenya ibijanye n'abo bagabo." Nuko hanze mu kibuga naguma ndabarondera igikorane giheze. Ndaraba hirya no hino. Nca ndabona umwe muri bo, ndavuga nti: "Bwakeye ga mushingantahe?"

100 Aca avuga ati: "Bwakeye!" Ati: "Yari wewe wa muvugabutumwa w'umusore wavuze ubutumwa mu gitondo?"

Nanje nti. . . Nari mfise imyaka mirongo ibiri n'itatu. Nti: "Ego, mushingantahe."

Aca avuga ati: "Izina ryawe ni nde?"

Nanje nti: "Branham." Nca mbaza nti: "Nawe?"

101 Na we aca arambwira izina ryiwe. Ndiyumvira nti: "Hamwe gusa noshobora guhura n'impwemu yiwe." Yamara sinari nzi ico bikora. Nca ndavuga nti: "Urazi, mushingantahe," nti, "mwebwe hano murafise Ikintu jewe ntafise."

Aca avuga, "Wararonse Mpwemu Yera kuva wizeye?"

Nanje nti, "Gusa, ndi Umubatista."

102 Nawe ati: "Ariko none wararonse Mpwemu Yera kuva wizeye?"

103 Nanje nti: "Mmwene Data, ushatse kuvuga iki?" Mvuga nti: "Si—simfise ico mwese mufise, ivyo ndabizi!" Mvuga nti: "Kubera mufise Ikintu gisa nk'aho gifise inkomezi kandi. . . "

Aca avuga ati: "Woba umaze kuvuga mu ndimi?"

Nanje nti, “Oya, mushingantahe.”

Ati: “Nca ndakubwira ubu nyene ko ata Mpwemu Yera ufise.”

104 Nca mvuga nti: “Emwe, nimba jewe. . . Nimba ico ari ico bisaba ngo uronke Mpwemu Yera, ntaWe mfise.”

105 Aca avuga ati: “Ego, nimba utaravuga mu ndimi, nturaMuronka.”

106 Abandanije ikiyago gutyo, nca mvuga nti: “None, noMukura he?”

107 Ati, “Genda mu cumba hariya utangure kurondera Mpwemu Yera.”

108 Nanje naguma ndamwitegereza, murazi. Ntiyari azi ico nariko ndakora, ariko ya. . . nari nzi ko afise ukwiyumva bidasanzwe gatoyi, kuko we. . . amaso yiwe yaciye atangura gusa n’ikiyo mu gihe yariko arandaba. Kandi ya. . . Ariko vy’ukuri yari Umukristo. Yari Umukristo ata gukeka, ijana kw’ijana. Ni vyo. Rero, nariyumviriye nti: “Imana Ishimwe, ng’Uwo! Nte—nte—ntegerezwa kuja kuri ico gicaniro ahantu kanaka.”

109 Narasohotse, ndaraba hirya no hino, ndiyumvira nti: “Ntegerezwa gutora wa mugabo wundi.” Maze kumubona ngatangura kuvugana na we, navuze nti: “Bwakeye ga mushingantahe?”

110 Aca avuga ati: “Mbe, uri uwo mw’ishengero irihe?” Ati: “Bambariye ko uri Umubatista.”

Nanje nti: “Ego.”

Aca avuga ati: “Nturaronka Mpwemu Yera, si vyo?”

Nanje nti: “Sindabizi.”

Ati: “Uramaze kuvuga mu ndimi?”

Nanje nti: “Oya, mushingantahe.”

Ati:, “NtaWe ufise.”

111 Nca mvuga nti: “Emwe, ndazi ko ntafise ico mwbwe mwese mufise. Ivyo ndabizi.” Nca mvuga nti: “Ariko, mwene Data, ndaMushaka vy’ukuri.”

Aca avuga ati: “Emwe, ng’ico—ng’ico ikidengeri, kirateguwe.”

112 Nanje nti: “Narabatijwe. Ariko,” nti: “si—sindaronka ico mwebwe mwese mufise.” Mvuga nti: “Mufise ikintu jewe—jewe nshaka vy’ukuri.”

Aca avuga ati: “Ni vyiza.”

113 Nariko ngerageza kumucakira, murabona. Kandi nimba jewe. . . Maze gufata impwemu yiwe, rero, uwo yari wa wundi mugabo, namba narigeze mvugana n’indyarya ruhebwa, yari imwe muri zo. Yari abayeho. . . Umugore wiwe yari umugore

w'imishatsi yirabura, ariko yagendana n'umugore w'imishatsi ibenjutse kandi yari amufiseko abana babiri. Yaranywa inzoga, akarahira, aja mu bubare, n'ibindi vyose, kandi n'aho vyari uko yari aho avuga mu ndimi yongera avugishwa.

114 Rero navuze nti: "Mwami, mbabarira." Naratashe i muhira. Ni vyo. Navuze nti: "Nzoshika gusa . . . sinshobora kubitahura. Vyasa n'uko Mpwemu Yera Ahezagiwe Yururuka, no kuri iyo ndyarya." Navuze nti, "Ntibishoboka! Nta kindi."

115 Muri iki kiringo kirekire rero, jewe ndiko ndiga kandi ndira, niyumviriye ko hamwe noshobora gusohokana na bo kumbure noshobora kumenya ivyo ari vyo. Hariho umwe, Umukristo w'ukuri; uwo wundi na we, indyarya ibushitse. Hanyuma ndiyumvira nti, "Ni ibiki? Oo," Ndavuga nti: "Mana, kumbure—kumbure hariho ikintu kitagenda neza kuri jewe." Nca ndavuga, nk'umuntu ashingira ku vayanditswe nti, "Ivyo bizo . . . mbwirizwa kubona ivyo muri Bibiliya. Bitegerezwa."

116 Kuri jewe, ikintu cose gikora gitegerezwa kuva muri iyi Bibiliya atari uko ntikiba ari co. Bitegerezwa kuva Hano. Gishobora kwemezwa muri Bibiliya, atari ahantu hamwe gusa, ariko bitegerezwa kuba muri Bibiliya yose. Ntegerezwa kuvyizera. Bitegerezwa kwinjiranamwo no guhuza na buri Canditswe atari uko sindavyizera. Kandi rero, kuko Paulo yavuze ati: "Naho yoba umumarayika avuye mw'Ijuru, ababarira ubundi butumwa, arakavumwa." Kubw'ivyo ndizera Bibiliya.

Naciye mvuga nti, "Sinoshobora kubona ikintu nk'ico muri Bibiliya."

117 Haciye imyaka ibiri, inyuma y'aho mburiye umugore wanje n'ibindi, nari hariya hejuru aho i Green's Mill, mu kabanza kanje gatoyi ka kera hariya, ndiko ndasenga. Nari maze iminsi ibiri canke itatu ng'aho mw'isenga ryanje, yari iminsi ibiri. Narasohotse kugira mfate akayaga gatoyi, akayaga. Maze nsohotse ng'aho, Bibiliya yanje yari irambitse ng'aho ku mpera y'ikigiga hafi y'urwinjiriro. Igiti gishaje cahenuwe n'umuyaga, cari amashami ahura. Rero, mwebwe . . . Cari gifise amashami abiri aterana hejuru *gutya*, kandi ico giti cari kiryamye hasi. Naricara ntambikije kuri ico giti, nkiryamira mw'ijoro, ndaba mu kirere gutya, ukuboko kwanje kurambitse *gutya*, rimwe na rimwe ndasinzirira aho gutyo nyene kuri ico kigiga, ndiko ndasenga. Naraguma hariya iminsi myinshi, ntarya canke ngo nywe, ndi aho gusa nsenga. Naciye nsohoka ngo mfate akayaga gatoyi, mvuye muri iryo senga; hari hakanye, hatose muri ryo.

118 Nuko rero ndasohoka Bibiliya yanje yari irambitse aho nari nayishize umunsi imbere umwe y'aho, kandi yari izinguruye mu Baheburayo, igice ca 6. Nca ntangura gusoma ng'aho nti: "Turengane . . . ku . . . dushike ku vyo gutunganywa rwose, ntidusubire gushiraho itanguriro ryo kwihana ibikorwa

vy'impfagusa no kwizera Imana," n'ibindi. "Kuko bidashoboka ku bamaze kwakirwa n'umuco, bagatamira ingabire iva mw'ijuru, n'uguhamagarwa," n'ibindi. Ariko havuga hati: "Ariko imikere n'amatovu, biri hafi gutabwa, ivyo iherezo ryavyo . . . amazi . . . imvura igwa ku ndimiro kugira ngo iyitunganye iyitegurira birya biri—birya vyegereje gutabwa, bifise imikere n'amatovu, iherezo ryavyo ni uguturirwa."

Haca haza Ikintu kigira ngo, "Wuuuuuuuuu!"

119 Nca ndiyumvira nti: "Ehe ng'Ibi. Ngira numve ubu ico A . . . Yankanguye aho, Yiteguriye kumpa iyerekwa kano kanya nyene." Nararindiriye ng'aho ku mpera y'ico kigiga, ndarindira. Narahagurutse ndagendagenda nja imbere n'inyuma, nduga manuka. Narasubiye inyuma, nta na kimwe cabaye. Ndasubira muri rya senga, nta na kimwe cabaye. Ndahagarara aho, niyumvira, nti, "None, ibi ni ibiki?"

120 Nca nsubira ahari Bibiliya yanje, hanyuma, oo, Bica vyongera biranzako. Nca ndayitora, ndiyumvira nti: "Ni igiki kiri aho Ashaka ko nsoma?" Nagumye nsoma ku bijanye "n'ukwihana ku Mana, n'ukwizera," n'ibindi, nca nsoma hepfo Ahavuga ngo, "Imvura igwa kenshi ku ndimiro kugira ngo iyitegure kandi iyitegurire ico yagenewe, kuko hano, ariko imikere n'amatovu biri hafi y'ugutabwa, iherezo ryavyo rikaba ari uguturirwa." Oo, Vyaranyiganza gusa!

121 Nariyumviriye nti: "Mwami, mbega Ugomba kumpa iyerekwa ry'ivyo . . . " Nari nagiye hariya kugira ngo ndaYisabe ikindi kintu kimwe.

122 Maze ubwo nyene, imbere yanje, mbona isi iriko irazunguruka, kandi yari irimye yose. Nuko haza umuntu yambaye ivyera, yunamuye umutwe, ariko arabiba Imbuto nk'uku. Amaze kugenda, haca haza, mu gihe yariko ararengera inyuma y'umusozi, haca haza umugabo inyume yiwe, yambaye impuzu zirabura, yunamitse umutwe, ariko arabiba imbuto. Imbuto nziza zimeze, zari ingano; imbuto mbi na zo zimeze, rwari urwamfu.

123 Haca haza uruzuba rukomeye kw'isi, kandi izo ngano zari zijondamitse umutwe, ziri hafi yo gupfa, zikeneye amazi. Nuko mbona abantu bose bashize amaboko hejuru, basenga Imana ngo Irungike amazi. Mbona n'urwamfu, rwunamitse umutwe, rwunamye rurondera amazi. Ubwo nyene ibicu binini biraza maze imvura iragwa. Imaze kugwa, rwa rugano rutoya rwari rwikunje ruca rugira ruti: "Ashii," ruca ruragororoka. Na rwa rwamfu rwari iruhande yarwo nyene ruti: "Ashii," ruca ruragororoka.

Nca ndiyumvira nti: "Mbega, ivyo ni ibiki?"

124 Nuko Bica biranzako. Ng'ivyo. Iyo mvura nyene ituma ingano zikura, ni yo ituma urwamfu narwo rukura. Kandi wa Mpwemu Yera nyene Arashobora kugwa ku mugwi w'abantu,

Agashobora guhezagira indyarya nk'uko nyene Ahezagira uwundi. Yesu Yavuze Ati: "Muzobamenyera ku vyo bama." Si uko asemerera, canke anezerwa, ariko "muzomumenyera ku vyo yama."

125 Naciye mvuga nti: "Ng'ivyo!" "Ndabitahuye, Mwami." Nca mvuga nti: "Rero ukwo ni Ukuri kutagabanije." Uyu muntu . . . Woshobora kuronka ingabire utazi Imana.

126 Aho rero na—rero nariko ndanegura cane ivyo kuvuga mu ndimi, murabona. Ariko umunsi umwe, rero, ukuntu Imana Yabingaragarije!

127 Nariko ndabatiza ku ruzi, abo nashikanye ku gakiza ba mbere, ku Ruzi Ohio, ndiko ndabatiza umuntu agira icumi n'indwi, ntanguye kumubatiza, ndavuga nti: "Data, nk'uko ndiko ndamubatiza n'amazi, Umubatize muri Mpwemu Yera." Nca ntangura ku—kumwibiza mu mazi.

128 Maze ako kanya nyene agashururu gaca karaza kavuye mw'ijuru, haca haza wa Muco, uramanuka ukayangana. Hari abantu amajana n'amajana ku nkombe, nk'isaha umunani nyene ku muhingano, muri ruheshi. Uca Uhagarara neza na neza hejuru y'aho nari ndi. Ijwi Rivugira ng'aho, Rivuga Riti: "Nk'uko Yohana Umubatizi yatumwe ngo abe integuza y'ukuza kwa mbere kwa Kristo, ufise . . . ufise Ubutumwa buzoteguza Ukuza kwa Kabiri kwa Kristo." Vyaranteye ubwoba vyo gupfa.

129 Ngarutse ku kombe, abantu bose bari ng'aho, aba—abakozi bo mw'icuriro ry'ivyuma n'abandi bose, umudandaza w'imiti, n'abari ku nkombe bose. Nari nabatije abantu nk'amajana abiri canke atatu kuri uwo muhingamo. Bamaze kunkurayo, bankuye mu mazi, abadiyakoni n'abandi baraduze, barambaza, bati: "Urya Muco wasigura iki?"

130 Umugwi munini w'abirabure bavuye mu—mw'ishengero ry'Ababatista ry'i Gilt Edge n'ishengero rya Lone Star hariya, n'abandi benshi muri abo bari aho, batangura gusemerera babonye ivyo bibaye, abantu bararavye.

131 Hariho umukobwa umwe nagerageje kwumvisha ko yova mu bwato, yari yicaye aho n'impuzu yo kwoga, umwigisha w'ishure ryo kuw'iyinga mw'ishengero rimwe, ndamubwira nti: "Aho ntiwovayo ga Margie?"

Aca avuga ati, "Billy, singombwa ngo ndabuvemwo."

132 Nca mvuga nti, "Ivyo ni vyo, singombwa, ariko ari jewe mu kibanza cawe nokwubaha bihagije Ubutumwa Bwiza ku buryo noja kure y'aho ndiko ndabatiriza."

Aca avuga ati: "Singombwa ngo ndabikore."

133 Igihe yari ng'aho, anshinyaguriza antwenga ndiko ndabatiza, kuko atizera ivyo kubatiza, n'uko rero igihe Umumarayika w'Uhoraho Yamanuka yaguye yubamye mur'ubwo bwato. Uyu munsi uwo mukobwa ari mu kigo

c'abasazi. Rero ntushobora gukinisha Imana. Murabona? N'uko, mu nyuma . . . Umukobwa mwiza, yahavuye aba umunywi mu nyuma, baramukubise icupa, icupa rya—ry'inzoga, riramutemagura mu maso hose. Oo, mbega umuntu ateye ubwoba kuraba! Ivyo ni vyo vyabaye.

134 Kandi rero mu buzima bwanje bwose nagiye mbona ivyo, narabona ico kintu kigendagenda, nkabona ayo mayerekwa, ingene ivyo bintu vyobaye. Maze, mu nyuma, Vyagumye bimbuza amahoro cane, kandi abantu bose bambwira ko Vyari ibintu bibi. Naciye nja ahantu hanje ha kera nakunda, aho nahora nsengera gushika nishuwe. Na . . . Uko naguma nsenga gute kose ngo Ivyo ntibinzeko, Vyaguma biza uko biri kwose. Nuko rero nyene nari . . . nari—nari bwanashamba muri Reta ya Indiana. Maze ndashika, hariho umuntu umwe yari yicaye aho, umuvukanyi w'umucuraranzi wanje wa piyano ku rusengero. Araheza ambwira ati: "Billy, twojana mu modoka i Madison uyu munsi ku muhingamo?"

Nca mvuga nti: "Sinshobora kujayo, ntegerezwa kuduga mw'ishamba."

135 Kandi nari . . . nari nshitse iruhande y'inzu ndiko nkura umusipi, umugozi w'inkoho n'ibindi, ndiko ndazinga amaboko y'ishati. Twaba mu kazu gatoyi k'ivyumba bibiri, kandi nari ngiye kwoga ngo nitegurira gufungura. Mpejeje kwoga, ndiko ndagendagenda i ruhande y'inzu, munsi y'i—y'igiti kinini c'umuberoshi, hanyuma bukwi na bukwi Ikintu kanaka gica kiraza ngo: "Shuuuuush!" Nahatswe kuraba. Naritegereje, nca menya ko ari Ca kintu kandi.

136 Nca ndicara kuri izo ngazi, hanyuma aca arasimba ava mu modoka yiwe aza yirukira aho ndi, avuga ati: "Billy, uriko uratakaza ubwenge?"

Nca mvuga nti "Oya, mushingantahe."

Aca avuga ati: "Ufise ingorane ki ga Billy?"

137 Nanje nti: "Sindabizi." Nti: "Bandanya gusa, mwene Data, ni vyiza. Urakoze."

138 Umugore wanje yaciye asohoka azanye ijagi y'amazi, ati: "Mukundwa, hari ingorane ki?"

Nca mvuga nti, "Nta na kimwe, mukundwa."

139 Aca avuga ati: "Ingo rero, imfungurwa zo ku murango zirateguwe," aca anshira ukuboko ku bitugu, agerageza kunyinjiza.

140 Nca mvuga nti: "Mukundwa, nda—ndashaka kukubwira ikintu kimwe." Nti: "Bahamagare ubabwire ko ntajayo uno muhingamo." Mvuga nti: "Meda, mukundwa," nti, "ndazi mu mutima wanje ko nkunda Yesu Kristo. Ndazi ko navuye mu rupfu nkaja mu Bugingo. Ariko sinshaka ko umurwanizi agira ico duhuriyeko na kimwe." Nca mvuga nti: "Sinshobora

kubandanya uku; ndi imbohe." Mvuga nti: "Igihe cose, mu gihe iki kintu kiguma kiba, ibintu nk'ivyo, n'ayo mayerekwa aza, n'ibindi nk'ivyo. Canke, ico ari co cose," Mvuga nti: "biranshikira." Sinari nzi ko ryari iyerekwa. Sinavyita iyerekwa. Navuze nti: "Ivyo bintu bisa n'ivyo gutakaza ubwenge," nti: "sinzi ivyo ari vyo. Rero, mukundwa, si—si—si—sinshaka kubifyinisha, ba—bambwira ko ari dayimoni. Nanje ndakunda Umwami Yesu."

141 Yaciye avuga ati: "Oo, Billy, ntukwiye kwumviriza ivyo abantu bakubwira."

142 Nca mvuga nti, "Ariko, mukundwa, raba abandi bavugabutumwa." Mvuga nti: "Si—sindabishaka." Nca mvuga nti: "Ngiye ha hantu hanje mw'ishamba. Ndafise nk'amadolari cumi n'atanu, uritaho Billy." Billy yari umwana mutoya ico gihe, agahungu gatoya. Nca mvuga nti: "U—uri . . . Ayo arakwiye ngo ababesheho mwe na Billy, igihe gito. Bahamagare ubabwire ko nzo—nzogaruka kumbure ejo, kumbure nshobora kutazogaruka. Nintagaruka mu minsi itanu iri imbere, bashireho uwundi muntu mu kibanza canje." Nca mvuga nti: "Meda, sinzova muri iryo shamba gushika Imana Insezeraniye ko Izonkurako ico kintu kandi Itazokwigera Ikireka ngo gisubire gushika." Iyumvire ukutamenya umuntu ashobora kubamwo!

143 Nuko nca njayo uwo mugoroba. Nsubira muri ka kazu gatoyi ka kera, imbere y'uko buca; bwasa n'ubwije. Nari mfise umugambi wo kuduga mu nkambi yanje bukeye, hejuru ku . . . ku rundi ruhande rw'umusozi, nako rw'agatumba uhubwo, ngo nshike mw'ishamba hariya. Sinibaza ko na F.B.I. yari gushobora kuntora hariya. Rero ako kazu gatoyi ka kera . . . nari namaze uwo muhingamo wose ndiko ndasenga imbere y'uko bwira cane. Narasenga, ngasoma hariya muri Bibiliya aho Ivuga ngo: "Mpwemu w'abavugishwa n'Imana aganzwa n'abavugishwa." Sinashobora kubitahura. Nuko buca burira cane muri ka kazu gatoyi ka kera.

144 Aho nahora ntega imitego nkiri muto, naragira urukurikirane rw'imitego ng'aho, naradugayo nkaroba nkamara ijoro ryose. Akazu gatoyi gusa ka kera kononekaye kari aho, kari kamaze imyaka ng'aho. Kumbure umuntu kanaka yoba yari yarakabayemwo imbere y'uko kamera uko.

145 Nuko rero na—nari ndindiriye ng'aho. Nca ndiyumvira nti, "Emwe." Isaha indwi, isaha umunani, isaha icenda z'ijoro, nariko ntambuka nduga manuka, ngenda ngaruka. Nca nicara ku gatebe gatoyi gashaje ng'aho, gatoyi . . . atari agatebe, akantu k'agasandugu ka kera. Nca ndicara ngaho, ndiyumvira nti: "Oo Mana, kuki Ungirira ibi?" Mvuga nti: "Data, Urazi ko ndaGukunda. Urazi ko ndaGukunda! Kandi si—si—sinshaka kwigarurirwa n'umurwanizi. Sinshaka ko ivyo bintu bimbako. NdaGusavye Mana, Ntuzobireke ngo bisubire gushika kandi."

146 Nca mvuga nti, "Nda—ndaGukunda. Sinshaka kuja ikuzimu. Vyomarira iki kuvuga ubutumwa no kugerageza, no kugira utwigoro, nimba ntari mu kuri? Kandi sije jenyene ubwanje ndiko nja ikuzimu, ndiko ndahuvya n'abandi ibihumbi n'ibihumbi." Canke, amajana y'abandi, muri iyo minsi. Nca mvuga . . . Nari mfise igikorwa c'ibango gikomeye. Nca mvuga nti: "Ego, si—sinshaka ko bisubira kumbako."

147 Nuko ndicara kuri ako gatebe. Ndicara gusa, oo, nicaye nk'uku, nk'*uko* gusa. Maze, ubwo nyene, nca mbona Umuco Urabagiza muri ako kumba. Nca niyumvira ko hari umuntu ariko araza afise itoroshi. Ndaraba hirya no hino, nca ndiyumvira nti, "Ngira ngo . . . " Ng'Uwo wari ng'aho, neza na neza imbere yanje. Hariho imbaho zitatu zishaje hasi. Aho ni ho wari Uri, neza na neza imbere yanje. Hariho akababura ka kera k'icuma kari mu mfuruka, ico hejuru cari caravuyeko. Kandi—kandi *aho* nyene hari U—Umuco hasi, nca ndiyumvira nti, "None, ivyo biri hehe? Emwe, ivyo ntibishobora kuba biriko biza . . . "

148 Ndaraba hirya no hino. Ehe ng'Uwo wari hejuru yanje, *uwu* Muco nyene hano, wari hariya uri hejuru yanje, ucundeba neza na neza nk'*uku*. Uzunguruka nk'umuriro, ufise ibara rishaka gusa na simaragido, wagenda ugira ngo, "Wuush, wuush, wuush!" nk'uko, hejuru yaWo nyene, nk'ukwo. NaraWuravye. Ndiyumvira nti: "Ivyo ni Ibiki?" Rero, Vyaranteye ubwoba.

149 Naciye numva umuntu ariko araza, [Mwene Data Branham aciye abigereranya—Umw.] ariko aratambuka, gusa, nta birato yari yambaye. Nuko nca mbona ikirenge c'Umuntu cinjiye. Hari umwijima mur'ico cumba, hose kiretse hano nyene aho Wariko Urakayanganira hasi. Nuko nca mbona ikirenge c'Umuntu cinjiye. Amaze kwinjira mur'ico cumba, Yaregereye, Yari Umugabo apima hafi . . . nk'ibiro mirongo icenda. Yari Azinze amaboko yiWe *gutya*. Rero, nari naraMubonye Ari mu Gashururu, nari naraMwumvise Avugana nanje, ndanaMubona ari mw'ishusho y'Umuco, ariko ni bwo bwa mbere nari mbonye ishusho yiWe. Yaregereye aho nari, hafi cane.

150 N'uko, bagenzi b'ukuri, ni—niyumviriye ko umutima wanje uhava umvamwo. Ni . . . Nimwiyumvire gato! Nimwishire ng'aho, Vyotuma namwe mwiyumva uko nyene. Kumbure ugeze kure mu rugendo kundusha, ushobora kuba umaze igihe kirekire uri Umukristo, ariko Vyotuma wiyumva gutyo nyene. Kuko n'inyuma y'incuro amajana n'amajana z'ukugendererwa, birankongataza iyo Yegereye. Rimwe na rimwe mbere Biratuma . . . Ndasa nk'uwutaye ubwenge burundu, ncitse intege cane kenshi iyo mvuye aha imbere. Iyo maze umwanya muremure cane, ndatakaza ubwenge burundu. Biramaze gushika barantwara mu modoka kumara amasaha menshi, ntanazi n'aho ndi. Kandi sinshobora kubisigura. Soma aha muri Bibiliya, IraBisigura, ivyo ari vyo. Ivyanditswe ni ko bivuga!

151 Rero nari nicaye aho ndaMuraba. Na—nari meze nk'aho nshize ukuboko kwanje hejuru *gutya*. Yari Ampanze mu maso neza, Aryoheye ijisho. Ariko Yari Afise Ijwi ryo hasi rinini, Aca Avuga Ati: "Ntutinye, Ndungitswe Mva mu Nyonga h'Imana Mushoboravyose." Amaze kuvuga, iryo Jwi, ryari rya Jwi nyene ryavugana na nje igihe nari mfise imyaka ibiri, no kubandanya. Naramenye ko yari We. Nca ndiyumvira nti: "Ubu . . . "

152 Muvyumve. Ubu rero nimwumvirize ico kiyago. Ndabisubiramwo neza uko nshoboye, uko ndabizi, ijambo ku rindi, kuko biragoye ko ndavyibuka.

153 Ya . . . navuze . . . NaraMuravye nk'uko. Yavuze Ati: "Ntutinye," atuje cane, Ati: "Ndungitswe Mva mu Nyonga h'Imana Mushoboravyose, ngo Ndakubwire yuko ivuka ryawe ridasanzwe . . . " Nk'uko muzi uko ivuka ryanje ryagenze. Uwo Muco nyene Waje hejuru yanje igihe navuka. Nuko rero Avuga Ati: "Ivuka ryawe ridasanzwe n'ubuzima bwawe budatahuritse vyabaye ivyo kwerekana ko uzoja kw'isi yose ugasengera abarwaye." Kandi Ati: "Uko bazoba bagwaye kwose . . . " Yaradomyeko urutoke. Imana, Yo Mucamanza wanje, Irabizi. Ko, Yadomye urutoke kuri "kanseri." Ati, "Nta na kimwe . . . Niwashikana abantu ku kukwizera, ukabikora bivuye ku mutima mu gihe usenga, nta kintu na kimwe kizohagarara imbere y'isengesho ryawe, n'aho izoba na kanseri." Murabona, "Niwashikana abantu ku kukwizera."

154 Nca ndabona ko Atari umwansi wanje, Yari Umugenzi wanje. Sinari nzi namba—namba nariko ndapfa canke ivyariko birashika igihe Yariko Anzako gutyo. Nca mvuga nti, "None, Mushingantahe," nti, "Ndi . . . " Nari nzi iki ku vyerekeye ugukira indwara n'ibindi nk'ivyo, izo ngabire? Nca mvuga nti, "Erega, Mushingantahe, ndi u . . . ndi—ndi umuntu w'umukene." Mvuga nti: "Ndi mu muryango wanje. Mba—mbana n'abo mu muryango wanje b'aboro. Sinize." Nca mvuga nti: "Si—si—sinoshobora, ntibo—ntibontahura." Nti: "Nti—ntibo—ntibonyumviriza."

155 Aca Avuga Ati: "Nk'uko umuvugishwa Mose yahawe ingabire zibiri, ibimenyetso," nako, "kugira ngo vyemeze igikorwa c'ibango ciwe, ni ko nawe uzohabwa ingabire zibiri—ingabire zibiri ngo zemeze igikorwa c'ibango cawe." Aca avuga Ati: "Imwe muri zo izoba ari uko uzofata ukuboko k'uwo uriko urasengera, ukuresheje ukuboko kwawe kw'ibubamfu uzofata ukuryo kwabo," maze Ati, "hanyuma rero uhagarare gusa utekanye, bizoca bigira . . . hazobaho ikintu kizoba ku mubiri wawe." Araheza Ati: "Hanyuma uzoca usenga. Nicavaho, iyo ndwara izoba yavuye ku muntu. Kitavuyeho, uzoce usaba umuhezagiro gusa uheze wibandanirize."

"Emwe", nca mvuga nti: "Mushingantahe, ndatinya ko batazonyakira."

156 Aca avuga Ati: “Ikizokurikira kizoba, nibatagomba kwumva ivyo, bazokwumva ibi.” Ati: “Hanyuma hazoshika aho umenya amabanga yo mu mitima yabo.” Ati: “Ibi bazovyumviriza.”

157 “Emwe”, naciye mvuga nti: “Mushingantahe, ni co gituma ndi ng’aha iri joro. Nabwiwe n’abarongozi banje b’ishengero yuko ivyo bintu vyama biza kuri jewe bitari vyo.”

158 Aca Avuga Ati: “Wavukiye muri iyi si kubw’iyo ntumbero.” (Murabona, “ingabire n’umuhagaro ntivyicuzwa.”) Avuga Ati: “Wavukiye muri iyi si kubw’iyo ntumbero.”

159 Nca mvuga nti: “Erega, Mushingantahe,” nti, “ivyo, abakuru banje b’ishengero bambwiye, yuko ari i—impwemu mbi.” Nongera nti: “Ba . . . Ni co gituma ndi hano nsenga.”

160 Ng’ibi rero ivyo Yansubiriyemwo. Yarambariye ivy’ukuza kw’Umwami Yesu, mu gihe ciWe ca mbere. Nanje nti . . .

161 Igitangaje cari, bagenzi . . . Emwe, reka mpagarare hano nyene akanya gatoyi gusa, nsubire inyuma. Icantera ubwoba kurusha vyose, ni uko igihe cose nahura n’umuraguzi, baramenya ko hari ikintu cabaye. Kandi ivyo nyene vyara . . . vyahakwa kunyica.

162 Nk’akarorero, umunsi umwe jewe na bavyaranje twariko turamanuka duca mu—mu kibanza c’ukwidagadura, kandi twari abana gusa, turiko turatembera. Rero hariho umuraguzi umwe muto wa kera yari yicaye aho muri rimwe muri ayo mahema, umugore akiri muto, umupfasoni asa neza, yari yicaye aho. Twese twariko turagenda, dutembera. Aca avuga ati: “Ewe, wewe, ingo hano akanya gatoyi!” Natwe twese uko twari abahungu batatu duca turahindukira. Aca avuga ati: “Wewe w’umupira w’imirongorongo.” Uwo yari jewe.

163 Nanje nti: “Sabwe, mupfaso?” Niyumvira ko kumbure yashaka ko nja kumuronderera Koka, canke ikindi kintu nk’ico. Yari u—umugore akiri muto, kumbure mu myaka yiwe ya kare mirongo ibiri, canke ikintu k’ico, yicaye ng’aho. Nca ndagenda, mvuga nti: “Sabwe, mupfaso, ndagukorere iki?”

164 Aca avuga ati: “Ewe, woba wari uzi ko hariho U—Umuco ugukurikira? Wavukiye munsi y’ikimenyetso kanaka.”

Nca mvuga nti: “Ushatse kuvuga iki?”

165 Avuga ati: “Emwe, wavukiye munsi y’ikimenyetso kanaka. Hariho Umuco Ugukurikira. Wavutse kubw’umuhamagaro w’Imana.”

Nca mvuga nti: “Va ng’aho, wa mugore we!”

166 Nca ndagenda, kuko mama yama ambwira ko ivyo bintu vyari ivy’umurwanizi. Yari mu kuri. Nuko rero jewe . . . Ivyo vyaranteye ubwoba.

167 Maze umunsi umwe ndi bwanashamba, nariko ndafata urugendo muri bisi. Nca ndinjira muri bisi. Namye igihe cose

nsa n'uwukwegwa n'ibintu vy'impwemu. Nari mpagaze aho, hariho umusoza w'ubwato na we yari ahagaze inyuma yanje. Nariko ndaduga gukizura, kandi nariko ndanja ku Mashamba ya Henryville, ndi muri bisi. Naguma numva ikintu kidasanzwe. Nca ndaraba hirya no hino, nca mbona hari u—umugore avyibushe cane rwose yicaye aho, yambaye neza. Aca avuga ati: "Mwaramutse?"

Nanje nti: "Mwaramutse!"

168 Niyumvira ko yari umugore bisanzwe, murazi, ariko aravuga, rero nca nigumira . . . Aca avuga ati: "Nashaka kukuvugisha akanya gatoya."

Nca mvuga nti: "Ego, mupfasoni?" Nca ndahindukira.

Aca avuga ati: "Wari uzi ko wavukiye munsi y'ikimenyetso?"

169 Nca ndiyumvira nti: "Uwundi muri ba bagore batangaje." Naciye rero nguma nirabira hanze. Sinigeze mvuga n'ijambo na rimwe, nagumye gusa . . .

170 Aca avuga ati: "Noshobora kuvugana nawe akanya gatoya?" Nca nguma gusa . . . Avuga ati: "Ntiwifate gutyo."

171 Nca nguma nirabira imbere. Nca ndiyumvira nti: "Ivyo si indero nziza."

Aca avuga ati: "Nashaka kuvugana nawe akanya gato gusa."

172 Nagumye nirabira imbere, sinamwitaho na gato. Ubwo nyene naciye nibwira nti: "Reka numve ko ahava avuga nk'abandi bose." Narahindukiye, ndiyumvira nti: "Oo, bagenzi! Ivyo vyompindisha agashitsi, ndabizi." Kuko, naranka kwiyumvira ivyo. Nca ndahindukira.

173 Aca avuga ati: "Kumbure vyoba vyiza nisiguye." Avuga ati: "Ndi umunyabwenge w'ivy'inyenyeri."

Nca mvuga nti: "Nari niyumviriye ko uri ikintu nk'ico."

174 Avuga ati: "Ndi mu rugendo nja i Chicago kuraba umuhungu wanje w'umukozi w'Imana w'Umubatista."

Nanje nti: "Ego, mupfasoni."

175 Avuga ati: "Mbega hari umuntu n'umwe arigera akubwira ko wavukiye munsi y'ikimenyetso?"

176 Nanje nti: "Oya, mupfasoni." Aho naramubeshe, murabona, nca mvuga . . . nashaka gusa kuraba ico yagira avuge. Aca avuga . . . Mvuga nti: "Oyaye, mupfasoni."

Araheza ati: "Nta . . . Abakozi b'Imana ntibarigera babikubwira?"

Nca mvuga nti: "Nta na kimwe mpurirako n'abakozi b'Imana."

Aca avuga ati: "Uuh-uh."

Nca ndavuga . . . ya—yambariye . . . Navuze nti: "Emwe . . . "

177 Avuga ati: “hamwe nokubwira neza na neza igihe wavukiyeko, uranyizera?”

Nca mvuga nti: “Oya, mupfasoni.”

Aca avuga ati: “Emwe, ndashobora kukubwira igihe wavukiye.”

Nca mvuga nti: “Sindavyizera.”

178 Aca avuga ati: “Wavutse kw’igenekerezo rya 6 Ndamukiza, 1909, isaha cumi n’imwe z’igitondo.”

179 Nca mvuga nti: “Ni ko biri.” Mvuga nti: “Ivyo ubizi gute?” Mvuga nti: “Bwira uwu musoza w’ubwato nawe gihe yavukiye.”

Ati: “Ntavyo nshoboye.”

Nca mvuga nti: “Kuki? Ubizi gute?”

180 Ati: “Raba, mushingantahe.” Avuga ati, igihe yatangura kuvuga ivy’inyenyeri rero, yaciye avuga ati: “Igihe cose haciye imyaka myinshi . . .” Ati: “Uribuka igihe inyenyeri yo mu gaturuturu yaza, imwe yarongorera ba banyabwenge kuri Yesu Kristo?”

181 Nca mera nk’uwisamaza, murazi, nca mvuga nti: “Emwe, nta kintu nzi ku vyerekeye ivyo gusenga.”

182 Araheza ati: “None, uramaze kumva ivy’abanyabwenge baje kuraba Yesu.”

Nanje nti, “Egome.”

Aca avuga ati: “None, abo banyabwenge bari iki?”

“Oo,” mvuga nti: “bari abanyabwenge gusa, ni vyo nzi gusa.”

183 Aca avuga ati: “None, umuntu w’umunyabwenge aba ari iki?” Avuga ati: “Ni ico nanje ndi, umuhinga w’ivy’inyenyeri, ‘uwihweza inyenyeri’ ni ko babita.” Arongera ati: “Urazi, imbere yuko Imana Ikora ikintu ico ari co cose kw’i—kw’isi, Iminsi yose Ibanza kugitangaza mw’ijuru, hanyuma kw’isi.”

Nca mvuga nti: “Ntavyo nzi.”

184 Araheza ati: “Ego . . .” Yaravuze inyenyeri zibiri canke zitatu, zibiri . . . inyenyeri zitatu, tuvuge nka Marisi, Jipiteri, na Venisi. Nti zari zo, ariko yavuze ati: “Zarahuje inzira zazo maze zija hamwe zigira . . .” Ati: “Hariho abagabo batatu b’abanyabwenge baje guhura n’Umwami Yesu, umwe yari uwo mu ruvyaro rwa Hamu, uwundi rwa Shemu, uwundi na rwa Yafeti.” Aca avuga ati: “Igihe bahurira i Betelehemu, izo nyenyeri zitatu z’aho baje bava . . . Umuntu wese kw’isi,” avuga ati, “arafise ikintu ahuriyeko n’inyenyeri.” Ati: “Baza uwo musoza w’ubwato ko iyo ukwezi kugiye n’umubumbe wo mu kirere ukagenda, ko imipfunda itajana nakwo ikongera ikagarukana na kwo.”

Nanje nti: “Ivyo ntibikenewe ko ndabimubaza, ndabizi.”

185 Aca avuga ati: "Rero, ivuka ryawe rifise ico rihuriyeko n'inyenyeri ziri kw'ijuru."

Nca mvuga nti: "Emwe, ivyo ntavyo nzi."

186 Hanyuma avuga ati: "Rero, abo banyabwenge batatu baraje." Ati: "Igihe izo nyenyeri zitatu, igihe za . . . zaje zivuye mu mpande zitandukanye zihurira i Betelehemu. Bavuze ko basanze bamaze kuvugana, ko umwe yava mu muryango wa Hamu, Shemu na Yafeti, abahungu batatu ba Nowa." Avuga ati: "Hanyuma baraza basenga Umwami Yesu Kristo." Yongera ati: "Igihe bagenda," ati, "bazanye ingabire baraMushikanira."

187 Maze ati: "Yesu Kristo Yavuze mu gikogwa c'ibango ciWe ko ubu Butumwa Bwiza bumaze kwamamazwa kw'isi yose (ku bantu bo kwa Hamu, Shemu na Yafeti), ko ari ho Yociye agaruka." Araheza ati: "None, iyo mibumbe, imibumbe yo mu kirere, nk'uko izunguruka . . . " Ati: "Yaratandukanye. Ntirasubira kuba gutyo kw'isi kuva ico gihe, kuvyo tuzi. Ariko" ati "inyuma y'imyaka amajana menshi cane, irahuza inzira zayo *gutya*." Namba hariho umuhinga mu vy'inyenyeri hano, woshobora kumenya ivyo yariko aravuga. Jewe nta vyo nzi. Rero igihe yariko aravu- . . . Yavuze ati: "Zarahuye gutya." Aca avuga ati: "Nk'icibutso c'Ingabire ihambaye kuruta izindi zose yigeze guhabwa abantu, igihe Imana Yatanga Umwana WaYo. Iyo iyo mibumbe isubiye guhuza inzira," ati, "Iba Irungitse iyindi ngabire kw'isi." Ati: "Wewe wavutse mu gihe zahura." Arongera ati: "Ni co gituma nabimenye."

188 N'uko, naciye mvuga nti: "Mupfaso, ubwa mbere ho, ivyo sindavyizera. Sindi mu vyo gusenga, kandi sinshaka no gusubira kugira ico ndavyumvako!" Nca ndagenda. Aho rero ndamuciramwo. Nca ndururuka.

189 Igihe cose hagize . . . nshitse hafi y'umwe muri ben'abo, ni ko vyagenda. Nca ndiyumvira nti: "Kubera iki abo badayimoni bakora ivyo?"

190 Hanyuma abavugabutumwa, bakavuga bati: "Ivyo ni ivy'umurwanizi! Ivyo ni ivy'umurwanizi!" Batumye ndavyizera.

191 Rero iryo joro hariya igihe na . . . igihe Yambarira ivyo, naraMubajije nti, navuze nti: "Mbega, ni kuki ari abo banyamareba bose n'ibindi nk'ivyo, n'abo bantu barimwo dayimoni, ari bo bama bambwira ivy'Ivyo; abakuru b'ishengero na bo, bene Data, bakambwira ko ari ivy'impwemu mbi?"

192 Ni mwumvirize rero ivyo Yavuze, Uwo ari aho hejuru kuri irya foto. Yavuze Ati: "Nk'uko vyari bimeze ico gihe, niko biri n'ubu." Aca Atangura kumbwira, ko, "Igihe igikorwa c'ibango c'Umwami Wacu Yesu Kristo catangura, abakozi b'Imana bavuze bati: 'Yari Beyezebuli, umurwanizi'; Ariko abadayimoni bavuga ko, 'Yari Umwana w'Imana, Uwera wa Isirayeli.' Abadayimoni . . . Kandi raba Paulo na Barunaba igihe bari hariya ruguru bavuga ubutumwa. Abakozi b'Imana bavuze

bati: 'Aba bagabo bateje umuvurungano isi. Ni babi, ni—ni aba wa murwanizi.' Ariko umuntu umwe muto wa kera w'umuraguzi kw'ibarabara, yaramenye yuko Pawulo na Barunaba bari abantu b'Imana, aca avuga ati, 'Ni abantu b'Imana batumenyesha inzira y'Ubugingo.'" Si vyo? "Abapfumu n'abaragura, abantu biziziwe n'abadayimoni."

193 Ariko twarononwe rwose na tewolojiya gushika aho ata na kimwe tuzi ku vya Mpwemu. Ndizera ko muzonkunda n'inyuma y'ibi. Ariko ni uko biri. Nshaka kuvuga Pentekoti, na yo nyene! Ni vyo. Gusemerera gusa no gutamba uzunguruka ntibisigura ko hari ico uzi kuri Mpwemu.

194 Ni uguhura umuntu ku giti ciwe, amaso mu yandi, ivyo ni vyo mukeneye. Ubwo ni bwo bwoko bw'Ishengero Imana Yiteguriye guhagurutsa, ni ko biri, igihe bazoja hamwe mu bumwe no mu bushobozi, muri Mpwemu.

195 Yambariye ibijanye n'ivyo. Ambarira ingene abo bakuru b'ishengero baBitahuye nabi, Aranyemeza ko abo bakuru b'ishengero baBitahuye nabi. Amaze kumbwira ivyo vyose n'ukuntu Yesu . . .

196 Nca mvuga nti: "None, bimeze gute kuri ibi, ibi bintu binshikira?"

197 Maze, murabona, Yavuze Ati: "Ivyo bizogwira kandi bigende birushirizaho gukomera." Aca Ambarira ivyanje, Ambwira ingene Yesu Yabikoze; ingene Yaje kandi Yari afise Ububasha bwashobora kumenya ibintu imbere y'igihe no kubwira wa mugore kw'iriba, Avuga ko Atakiza, Avuga ko Yakora ivyo bintu nk'uko nyene Se Yaba Yabimweretse.

Navuze nti: "None, iyo yobaye ari impwemu bwoko ki?"

Aca Avuga ati: "Yari Mpwemu Yera."

198 Rero haciye haba ikintu muri jewe, natahuye ko ca kintu nyene nariko ntera ibitugu cari co Imana Yanshiriye hano. Nca ndatahura ko ari nka ba Bafarisayo bo mu minsi ya kera, bari bansobanuriye nabi Ivyanditswe. Rero kuva ico gihe nafashe insobanuro yanje bwite yaVyo, ivyo Mpwemu Yera Yavuze.

NaMubwiye nti: "Nzogenda."

Aca Avuga Ati, "Nzobana nawe."

199 Maze Uwo Mumarayika Yaciye Yongera kwinjira muri wa Muco kandi uca utangura kuzunguruka uzunguruka, no kuzunguruka no kuzunguruka, no kuzunguruka ku birenge vyiWe gutya, Aca Adugira muri uwo Muco Arasohoka Ava muri ako kazu.

Nasubiye muhira ndi umuntu mushasha.

200 Naragiye kw'ishengero ndabibwira abantu. Wa . . . hari ku musi w'iyinga ku mugoroba.

201 Maze ku wa gatatu ku mugoroba bazana ng'aho umugore, umwe mu baforoma b'ibitaro vy'aba Mayos yari ku mpfiro arwaye kanseri, yari asigaye ku magufa gusa. Igihe namanuka mva ku gicaniro ngo ndamukoreko, haciye habanza kuza iyerekwa, ryerekana yasubiye ku kazi nk'umuforoma. Ari ku rutonde i Louisville, "nk'uwapfuye haheze imyaka." None raba ari hariya i Jeffersonville ubu, avura, amaze imyaka ariko aravura. Kuko, narumuye amaso ng'aho, maze mbona iryo yerekwa. Narahindukiye, nsa n'uwutazi ico ndiko ndakora, mpagaze aho, Narahize agashitsi igihe bazana uwo muntu ubwa mbere bakamuryamika ng'aho. Kandi abaforoma n'abandi bari bahagaze bamukikuje, na we aryamye aho, kandi mu maso hiwe hose haracokeye amaso yiwe yarasubiye imutwe.

202 Margie Morgan. Nimba mushaka kumwandikira, ni kuri 411 Ibarabara Knobloch, Jeffersonville, Indiana. Canke wandikire Ibitaro vy'Intara ya Clark, i Jeffersonville, Indiana. Aze abahe i—iyo ntahe.

203 Naritegereje ng'aho. Uwo mugwayi wa mbere ngaho, kubona aje, iyerekwa rigaca riza. Nabonye uwo mugore asubira kuvura, agendagenda, ameze neza akomeye kandi afise amagara meza. Nca mvuga nti: "UKU NIKO UHORAHO AVUZE, 'Uzobaho ntuzopfa!'"

204 Umugabo wiwe, umuntu ahambaye cane mu bintu vy'isi, yarandavye *gutya*. Nca mvuga nti: "Mushingantahe, ntutinye! Umugore wawe azobaho."

205 Aca arampamagara hanze, ati . . . yahamahaye abaganga babiri canke batatu, ati: "Urabazi?"

Nanje nti: "Ego."

206 "Rero," ati: "narakinanye na we golf. Aca avuga ati: 'Iyo kanseri yarizingiye ku mara yiwe, ku buryo utoshobora no kumwinama ukoresheje umwinisho.'"

207 Nca mvuga nti: "Uko agwaye ntaco bimbariye! Hariho Ikintu ibwina hano, nabonye iyerekwa! Kandi wa Muntu Yambwiye, Ati, Yambwiye ngo, ico nzobona cose, nze ndakivuge kizoca kiba gutyo. Yarambwiye nanje ndavyizera."

208 Imana Ishimwe! Iminsi mikeyi iheze yariko aramesura, agendagenda. Ubu apima nk'ibiro mirongo irindwi na bitanu, afise amagara meza cane.

209 Nuko rero maze kwemera, vyaciye bigenda. Hanyuma Robert Daugherty aca arampamagara. Vyaciye bikwiragira, muri Texas, hirya no hino kw'isi.

210 hanyuma umugoroba umwe, hari nko ku ncuro ya kane canke ya gatanu . . . Sinashobora gutahura ivyo kuvuga mu ndimi n'ibindi. Narizera umubatizo wa Mpwemu Yera, narizera ko abantu bashobora kuvuga mu ndimi. Nuko umugoroba umwe nariko ndagenda nja ku . . . muri katedarare, San Antonio,

Texas, ndiko ndagenda nja ku gicaniro, umuhungu umwe yari yicaye ng'aho atangura kuvuga mu ndimi nk'inkoho ntoya iriko irarasa, canke urukoho runini, anyarutsa. Inyuma, hariya inyuma, umuntu umwe aca arahaguruka aca avuga ati, "UKU NIKO UHORAHO AVUZE! Uwo mugabo ariko aragenda aja ku gicaniro agenda afise igikorwa c'ibango cashinzwe n'Imana Mushoboravyose. Kandi nk'uko Yohana Umubatizi yatumwe nk'integuza ya mbere y'ukuza kwa Yesu Kristo, ni ko atwaye Ubutumwa buzoteza Ukuza kwa Kabiri kw'Umwami Yesu Kristo."

211 Nahatswe kunyikira mubirato vyanje. Narunamuye amaso, mvuga nti: "Urya mugabo uramuzi?"

Na we ati: "Oya, mushingantahe."

Ndabaza nti, "Uramuzi?"

Na we ati: "Oya, mushingantahe."

Ndabaza nti, "Uranzi jewe?"

Avuga ati: "Oya, mushingantahe."

Mvuga nti: "Uriko ukora iki hano?"

212 Ati: "Nabisomye mu kinyamakuru." Kandi mu bisanzwe. . . Uwo wari umugoroba wa mbere w'igikorane.

Naciye ndaba hariya ndabaza nti: "Washitse hano gute?"

213 Ati: "Bamwe mu bantu b'iwacu bambwiye ko uzoba uri hano, 'Uwukiza indwara ava ku Mana,' nca ndaza."

Nca mvuga nti: "None mwese ntimuzinanye?"

Na we ati: "Oya."

214 Oo, bagenzi! Aho niho naciye mbona ko bwa bushobozi nyene bwa Mpwemu Yera. . . Aho igihe kimwe nari nariyumviriye ko vyari bibi, nari nzi ko na. . . Uyu Mumarayika w'Imana nyene yari kumwe n'abo bantu bari bafise ivyo bintu. Naho bari bafise ibintu vy'ukwigana n'uruzazane n'urwamo rwinshi, ariko ntibibuza ko harimwo ikintu c'ukuri. [Ahantu atakiriko kuri bande—Umw.]. . . Kristo. Kandi narabonye yuko vya—vyari ukuri.

215 Oo, imyaka yaraheze, kandi mu bikorane abantu barabona ukwerekwa n'ibindi.

216 Igihe kimwe umufotozi yaraYifashe mw'ifoto mpagaze ahantu hamwe muri Arkansas, nibaza ko hari aho, mu gikorane nk'iki, mu nzu y'amakoraniro nk'iyi. Nari mpagaze, ndiko ndagerageza kuBisigura. Abantu bari babizi, baricara bakumviriza, Abametodiste, Ababatista, Abaperesibiteriyano, n'abandi. Maze ndavye, nabonye Izanana mu muryango, Irashika, Igira ngo: "Hwuuush, hwuuush!"

217 Naciye mvuga nti: "Ntibikenewe ko nsubira kuvuga, kuko ng'Iyo Iraje ubu." Yaregereye, abantu baca batangura gukoma induru. Ica Iraza aho nari ndi Ica Ihagararaho.

218 Mu gihe Yariko Irahagarara, umukozi w'Imana umwe yaraje yiruka aca avuga ati: "Ehe, ndaYibona!" Yaciye Imuhumisha uko—uko bishoboka, aca asubira inyuma adandabagirana. Urashobora kuraba ifoto yiwe hariya mu gitabu ukayibona ingene yariko aradandabagirana asubira inyuma yunamitse umutwe gutyo. Urashobora kubona ifoto yiwe.

219 N'uko Ica Irahagarara aho. Ni umufotozi w'ikinyamakuru yaciye aYifotora ico gihe. Ariko Umwami ntiYari Yiteguye.

220 Hanyuma umugoroba umwe, i Houston, muri Texas, igihe, oo, ibihumbi n'ibihumbi vy'abantu. . . Twari dufise amajana umunani. . . ibihumbi umunani hariya mwita ukuntu, hariya batambira umuziki, kugaruka muri ya Nyubakwa niniya y'ibirori ya Sam Houston.

221 Maze aho muri ico kiganiro c'impari cari uwo mugoroba, igihe umuvugabutumwa umwe w'Umubatista yavuga ko "ata kindi nari atari indyarya mbi n'umubeshi, umubeshi w'umunyedini, kandi ko nari nkwiye kwirukanwa mu gisagara" kandi ko ari we yari akwiye kubikora.

222 Mwene Data Bosworth yavuze ati: "Mwene Data Branham, urareka ikintu nk'ico ngo kibeho? Muhinyuze!"

223 Nanje nti: "Oya, mushingantahe, jewe sinemera ibihari. Ubutumwa Bwiza ntibwatanzwe ngo duharire kuri Bwo, bwatanzwe ngo tubeshweho nabwo." Nca mvuga nti: "Uko womwemeza kwose, yobandanya gutyo nyene." Mvuga nti: "We. . . ntaco vyomuhindurako. Namba Imana Idashobora kuvugana n'umutima wiwe, jewe nobishobora gute?"

224 Umunsi ukurikira, ikinyamakuru carasohotse kivuga ngo: "Birerekana ivyo bakozwemwo," mu kinyamakuru Houston Chronicle. Cavuga ngo: "Birerekana ivyo bakozwemwo, baratinya guhagararira ivyo bigisha."

225 Umutama Mwene Data Bosworth araza aho ndi, yari afise mu myaka mirongo irindwi ico gihe, mwene Data w'umutama mwiza, anshira ukuboko ku bitugu, ati: "Mwene Data Branham," ati: "ushaka kuvuga ko utaza kubahinyuza?"

226 Nca mvuga nti, "Oya, Mwene Data Bosworth. Oya, mushingantahe. Sinza kubahinyuza." Mvuga nti: "Ntaco vyomara." Mvuga nti: "Bituma gusa haba ibihari iyo tuvuye ku gicaniro." Mvuga nti: "Ndiko nkoresha igikorane ubu, kandi sinshaka ko ibintu vyononekara gutyo." Mvuga nti: "Mureke abandanye gusa." Nti: "Nta kindi, yataye umutwe gusa." Nca mvuga nti: "Turamaze kubona abantu nk'abo, nta co bimaze kuvugana na bo." Mvuga nti: "Baca bagenda ubwo nyene, bakaguma aho bahagaze." Mvuga nti: "Nimba bamaze guhabwa

kumenya Ukuri, maze nkibaKwakire, Bibiliya Ivuga ko baba barenze umurongo ubatandukanya kandi ko batazoharirwa muri iyi si canke mw'isi izoza. BaVyita 'dayimoni' kandi ntibashobora kuvyihanganira. Buzuyemwo impwemu y'idini ari yo wa murwanizi."

227 Ni bangahe bazi yuko ari ukuri, ko impwemu y'umurwanizi isenga? Ego, mushingantahe, irashimikira ku vyanditswe uko bishoboka. Kandi rero, ico gihe, ivyo ntivyagenze neza cane igihe navuga "bashimikira ku vyanditswe," ariko ivyo ni ukuri. "Bafise ishusho yo kwubaha Imana ariko bagahakana Ubushobozi bwakwo." Ni vyo. Ibimenyetso n'ibitangaza ni vyo bishingira intahe Imana, iminsi yose. Kandi Yavuze ko bizoba nk'uko nyene mu minsi ya nyuma. Rero murabe!

228 Umutama Mwene Data Bosworth, jewe . . . twabwirizwa kuzanana, ariko yasa n'uwurushe gato. Aheruka kuva mu Buyapani. Yategerezwa kuba ari hano. Tuzoba turi kumwe i Lubbock. Nuko rero yari . . . yari afise ibicurane, bikaze, rero ntiyashobora kuza muri iki, we n'umugore wiwe. Rero ya . . .

229 Bose biyumvira ko asa na Kalebu. Yarahagaze hariya, avuga ati: "Ariko, Mwene Data Branham," n'uko kuntu k'umuntu yiyubashe cane, murazi, aca avuga ati: "reka ngende ndabikore," aca avuga ati: "niba udashaka kubikora."

230 Nanje nti: "Ewe Mwene Data Bosworth, si—sinshaka ko ubikora. Muhava muja mu vy'impari."

Aca avuga ati: "Nta jambo na rimwe ry'ibihari rihaba."

231 Rero, imbere yuko mpeza, umviriza ibi. Yaragiyeyo. Nca mvuga nti: "Namba mutaja mu bihari, aho ni vyiza."

Ati: "Ndasezeranye ko ntaja mu bihari."

232 Abantu nk'ibihumbi mirongo itatu bari bakoraniye muri iyo nzu y'amakoraniro uwo mugoroba. Mwene Data Wood, yicaye hano, niho yari ico gihe, kandi yari yicaye muri iyo nyubakwa y'amakoraniro. Kandi na . . .

233 Umuhungu wanje aca avuga ati, nako . . . Umugore wanje yavuze ati: "Ntuja muri kirya gikorane?"

234 Nanje nti: "Oya. Sinoja hariya kumviriza ingene baharira. Oya, mushingantahe. Sinoja hariya kuvyumviriza."

Bumaze kwira, Ikintu Kanaka gica kivuga ngo: "Gendayo."

235 Naciye mfata itagisi, mwenewacu, umugore n'abana banje, turagenda. Nca nduga hejuru ku kibanza ca mirongo itatu, hejuru cane, nca ndicara.

236 Umutama Mwene Data Bosworth yaragiye imbere ng'aho nk'umudiporomate wa kera, murazi. Yari yimuye amwe . . . Yari afise amasezerano amajana atandatu atandukanye yo muri Bibiliya yimuye. Avuga ati: "Ubu rero, Mwigisha Best, mbega woduga hano ugafata rimwe muri aya masezerano ukarihakana

ukoresheje Bibiliya. Rimwe ryose muri ayo masezerano riri muri Bibiliya, ryerekeye Yesu Kristo Akiza abarwaye muri iki gihe. Niwaba ushobora gufata rimwe muri ayo masezerano, maze, ukoresheje Bibiliya, ukarivuguruza ukoresheje Bibiliya, nca nicara, ndaguhe ukuboko, ndakubwire nti: 'Uri mu kuri.'"

237 Aca avuga ati, "Ndavyimenyera ninaduga aho!" Yashaka kuvuga ubwa nyuma kugira ngo ashobore kumaramaza Mwene Data Bosworth, murabona.

238 Nuko rero Mwene Data Bosworth ati: "Ego, Mwene Data Best, ndakubaza ikindi, kandi niwanyishura uti 'egome' canke 'oya,'" ni ko yavuze, "duca duheza ibiganiro ubu nyene."

Nawe aca avuga—avuga ati: "Ndavyimenyera!"

Aca abaza umworosha w'amajambo nimba yoshobora kumubaza. Ati: "Ego."

239 Avuga ati: "Mwene Data Best, mbega amazina y'ugucungura ya Yehova ajanye na Yesu? 'Ego' canke 'oya?'"

240 Vyari biheze. Vyari birangiye. Ndababwire, numvise gusa ikintu nyene kigenda muri jewe wese. Sinari bwigere ndavyiyumvira, jewe ubwanje, murabona. Nca ndibwira nti: "Oo, bagenzi, ntashobora kwishura! Aho birugaye."

Aca avuga ati: "Emwe, Mwigisha Best, nda—ndatangaye cane."

Aca avuga ati, "Ndavyimenyera!"

241 Yavuze ati: "Ndatangaye cane kubona udashobora kwishura ikibazo canje coroshe kuruta ibindi vyose." Yari atekereje nyene ata comuhungabanya, kandi yari azi aho yari ahagaze. Kubw'ivyo rero yicara ngaho afise ico Canditswe.

Avuga ati: "Fata iminota yawe mirongo itatu, ndakwishura inyuma y'ivyo!"

242 Nuko Umutama Mwene Data Bosworth yicara aho afata ico Canditswe arasugereza uwo mugabo gushika aho mu maso hiwe hatukura cane ku buryo wari gushobora kwatsako ikibiriti, hafi.

243 Yahagurutse ng'aho, ashavuye, aca aterera impapuro hasi, ahaguruka ng'aho aca yigisha ubutumwa bumeze neza bwa gi Campbell. Narabaye Umubatista, ndazi ivyo bizera. Ntiyigeze . . . Yariko arigisha ku bijanye n'izuka ati: "'aho uwu umubiri upfa uzokwambarira ukudapfa,' niho hazoba ugukiza indwara kw'Imana." Oo, bagenzi! Twoba dukenereye iki ugukizwa indwara n'Imana tumaze kwambara ukudapfa ("igihe uyu mubiri upfa uzokwambara ukudapfa," izuka ry'abapfuye)? Yaranakekeranije mbere igitangaza Yesu Yakoreye Lazaro, ati: "Yarasubiye gupfa, kandi ivyo vyari ivy'akanya gato gusa." Murabona?

244 Amaze guheza gutyo, yavuze ati: "Nimuzane uwo akiza indwara mu buryo bwa Kimana, ndamurabe ingene abikora!"

245 Barashwanye gatoyi ico gihe. Mwene Data Bosworth aca avuga ati: "Ndatangajwe n'uko wewe, Mwene Data best, utishuye ikibazo na kimwe nakubajije."

246 Nuko rero aca arashavura cane, avuga ati: "Muzane uwo akiza indwara mu buryo bwa Kimana ndamurabe ingene abikora!"

Ati, "Mwene Data Best, urizera ko abantu bakizwa?"

Avuga ati, "Ata nkeka!"

Ati: "Woshaka ko bakwita umukiza wa Kimana?"

Ati, "Ata nkeka ntavyo noshaka!"

247 "Nta n'ubwo...Ivyo nawe ntivyokugira umukiza wa Kimana kuko wigishije agakiza k'umushaha."

Aca avuga ati, "Emwe, koko ntivyotuma mba we!"

248 Aca avuga ati: "N'ukwigisha ivy'ugukizwa indwara z'umubiri n'Imana ntibigira Mwene Data Branham uwukiza indwara wa Kimana. Si uwukiza indwara wa Kimana, yerekeza abantu kuri Yesu Kristo."

249 Aca avuga ati: "Muzane, ndamurabe abikora! Hanyuma nze nsubire ndabe abo bantu, inyuma y'umwaka uhereye uno munsi, nzobabwira nimba novyizera canke ntovyizera."

250 Mwene Data Bosworth ati: "Mwene Data Best, ivyo bisa n'ugusubira ku vyabereye i Karuvariyo, 'Bati ikure ku Musaraba duca tuKwizera.'" Murabona?

251 Kandi rero, oo, rero yaciye aturagara. Avuga ati: "Reka ndamurabe abikora! Reka ndamurabe abikora!" Abarosha b'amajambo baciye bamwicarika. Yaciye agenda yerekeza ahari umuvugabutumwa w'Umupentekoti ahagaze aho, aca agenda amukubise urushi agenda ava ku ruhande rumwe aja ku rundi imbere. Baciye rero bamuhagarikira aho. (Mwene Data Bosworth yaciye avuga ati: "Hano, hano! Oya, oya.") Abarongoye iryo koraniro baca baramwicarika.

252 Raymond Richey yaciye ahaguruka, ati: "Mbega iyo ni yo nyifato y'Ikoraniro ry'Ababatista bo mu Bumanuko?" Ati: "Mwebwe bakozi b'Imana b'Ababatista, mbega Ikoraniro ry'Ababatista ryo mu Bumanuko ni ryo ryarungitse uwo mugabo ng'aha canke yaje ku giti ciwe?" Ntibashatse kwishura. Avuga ati: "Nababajije!" Yari abazi, umwe wese.

253 Bavuze bati: "Yaje ku giti ciwe." Kuko nzi yuko Ababatista bizera ugukizwa indwara n'Imana, na bo. Nuko aca avuga ati: "Yaje ku giti ciwe."

254 Hanyuma rero ng'ibi ivyaciye biba. Hanyuma Mwene Data Bosworth aca avuga ati: "Ndazi ko Mwene Data Branham ari muri iki gikorane, niyaba ashaka kuza gusezerera ikoraniro, ni vyiza cane."

Howard aca avuga ati: "Wewe guma wicaye!"

Nanje nti: "Ndicaye nitekaniye."

255 Hanyuma ubwo nyene haca haza Ikintu, gitangura kuzunguruka bwa gashururu, nca menya ko Ari wa Mumarayika w'Uhoraho, Aca Avuga Ati, "Haguruka!"

256 Abantu nk'amajana atanu baca barafatanya amaboko *gutya*, bancira inzira, ndamanuka nja ku gicaniro.

257 Nca mvuga nti: "Bagenzi, sindi uwukiza indwara wa Kimana. Ndi mwene So." Mvuga nti: "Mwene Data Best, ata . . . " Nako, nti: "Mwene Data Best," mvuga nti: "si ukugira ngo ndakuburire isoni, mwene Data, habe na gato. Urafise uburenganzira ku vyo wemera, nanje nyene ndabufise." Mvuga nti: "Ego cane, urabona ko utashoboye kwemeza, iciyumviro cawe, imbere ya Mwene Data Bosworth. Nk'uko utobishobora imbere y'umuntu n'umwe yasomye neza muri Bibiliya, azi ivyo bintu." Mvuga nti: "Kandi ku bijanye no gukiza indwara abantu, jewe sinshobora kubakiza, Mwene Data Best. Ariko nama ndi hano buri mugoroba, nimba ushaka kubona Umwami Akora ibitangaza, uzoze. Arabikora buri mugoroba."

258 Aca avuga ati: "Nashaka kubona ukiza umuntu ndamubone! Woshobora kubatwara ubwenge n'ubuhinga bwawe bwo gutwara abantu ubwenge, ariko" ati: "Nshaka kuzobabona haheze umwaka inyuma y'aho!"

Nanje nti: "Ego, woba ufise uburenganzira bwo kubasuzuma, Mwene Data Best."

259 Aca avuga ati: "Nta bandi kiretse mwebwe akagwi k'aberanda b'ibijuju bikumbagaza mwizera ibintu nk'ivyo. Ababatista ntibizera ibintu nk'ivyo bitagira umutwe n'amaguru."

260 Mwene Data Bosworth aca avuga ati, "Rindira akanya gato." Ati: "Ni bangahe ng'aho, muri izi ndwi zibiri z'igikorane hano, abantu bahagaze neza abanywanyi b'aya mashengero meza y'Ababatista hano i Houston, bashobora kwemeza ko bakijijwe indwara n'Imana Mushoboravyose mu gihe Mwene Data Branham yari hano?" Maze abarenga amajana atatu baca barahaguruka. Aca avuga ati: "Ivyo ubivugako iki?"

261 Aca avuga ati, "Si Ababatista!" Ati: "Umuntu wese arashobora gushingira intahe ivyo ari vyo vyose, ivyo ntibica bibigira ko ari vyo!"

262 Ati: "Ijambo ry'Imana rivuga ko ari ukuri, kandi ivyo ntushobora kwivyiyamiriza. Kandi abantu bavuga ko ari vyo, ntushobora kuvyanka. None Ibi vyo urabikorako iki?" Murabona, gutyo.

263 Navuze nti: "Mwene Data Best, jewe mvuga gusa ikiri Ukuri. Kandi nimba ndi umunyakuri, Imana Itegerezwa gushigikira Ukuri." Mvuga nti: "Namba Itari . . . Nitashigikira Ukuri, rero Ntizoba Ari Imana." Mvuga nti: "Sinkiza abantu. Navutse

mfise—mfise ingabire yo kubona ibintu, kubibona bishika." Mvuga nti: "Ndazi ko ntahurwa nabi, ariko nta kindi nshobora gukora atari ugushitsa ukwemera kw'umutima wanje." Mvuga nti: "Nizeye ko Yesu Kristo Yazutse mu bapfuye. Namba Mpwemu Aza Akerekana amayerekwa n'ibindi, namba ivyo mubikekeranyako, nimuze mwegere murabe." Mvuga nti: "Nta kindi." Ariko mvuga nti: "Ariko kubwanje, ntaco nshoboye gukora kubwanje jenyene." Nca Mvuga nti: "Nimba mvuze Ukuri, Imana Imfitiye ideni, ryo gushinga intahe ko ari Ukuri."

264 Maze ako kanya, haciye haza Ikintu kiti "Whuuush!" Ng'Uwo Araje, Yururuka aho nyene. Maze Ishirahamwe ry'Abafotora ryo muri Amerika, Douglas Studios i Houston, muri Texas, bari bafise igifata amafoto kinini kiri ng'aho (barababuza gufata amafoto), baciye bafata iyo foto.

265 Igihe bari ng'aho ngo bafate amafoto Umushingantahe Best, na we ya—yavuze ati, imbere y'uko nshika aho, yavuze ati: "Rindira gato! Mfise amafoto atandatu mumfotora!" Avuga ati: "Ehe, mfata ifoto ubu!" Maze ashira urutoke rwiwe ku zuru ry'uwo mugabo w'umweranda, nk'ukwo, ati, "Mfata ifoto rero!" Nuko barafotora. Hanyuma apfunga igipfunsi agishira hejuru, ati: "Mfata ifoto!" Na bo barayifata gutyo. Hanyuma agira gutyo, kugira ngo ahagarare bafate ifoto. Yavuze ati: "Ivyo muzobibona mu kinyamakuru canje!" nk'ukwo.

266 Mwene Data Bosworth yarahagaze aho ntiyigeze avuga ikintu na kimwe. Hanyuma baca bafata ifoto y'Iki.

267 bari mu nzira baja i muhira uwo mugoroba, (umuhungu w'Umugatolika ni we yayifotoye), aca abwira uwo wundi muhungu, ati: "Iki uciyumvirako iki?"

268 Aca avuga ati: "Ndazi ko namuneguye. Urya mwingo wavuye mu muhogo w'urya mugore, navuze ko yamutwaye ubwenge." Ati: "Nshobora kuba naravyihenzeko."

Ati: "Irya foto uyiyumvirako iki?"

"Sinzi."

269 Barayishize muri aside. Ng'iyi ifoto yiwe, mwoshobora kumubaza nimba mushaka. Baratashe i muhira, yaricaye aho aca atangura kunywa itabi. Arinjira yoza ifoto imwe ya Mwene Data Bosworth, nta cariko. Yoza zibiri, zitatu, zine, zitanu, zitandatu, imwe yose muri zo ntacariko. Imana ntiYari kwemera ifoto y'umutama w'umweranda waYo ahagararanye ng'aho n'iyo ndyarya, n'izuru ryiwe, canke ukuboko, igipfunsi kizunguruka munsi y'izuru ryiwe gutyo. NtiYari kuvyemera.

270 Boza iyikurikira, Yari ng'aho. Uwo mugabo yarafashwe bukumbi n'umutima, niko bavuze, uwo mugoroba.

271 Baciye barungika iyo negatifu i Washington. Bayishizeko uburenganzira bwa nyene ikintu, baca bayisubiza inyuma.

272 Hanyuma George J. Lacy, umukuru wa F.B.I. mu bijanye no gusuzuma ibikumu n'inyandiko, n'ibindi, umwe mu bakomeye kurusha abanndi kw'isi yose, bamuzana ng'aho amara iminsi ibiri asuzuma icuma gifata amafoto, umuco, n'ibindi vyose. Igihe twashika uwo muhingamo, aca avuga ati: "Revera Branham, nanje nari mu bakunegura." Avuga ati, "Kandi navuze ko yari pisikoloji, umuntu umwe yavuze ko babonye Imico n'ibindi nk'ivyo." Arongera ati: "Urazi, ya ndyarya ya kera yahora ivuga yuko" (yashaka kuvuga uwutizera) "'ayo mafoto ari ng'aho, uwo muco ukikuje Kristo, ukikuje abera,' ati, 'ivyo vyari pisikoloji gusa.'" Avuga ati: "Revera Branham, ijisho ry'icuma gifotora ntiryofata pisikoloji! Umuco wakubise aho batumbereza, canke wakubise negativu, ni ho Wari." Araheza ati . . .

273 Narayibashikirije. Avuga ati: "Oo, mushingantahe, urazi agaciro k'ivyo?"

Nca mvuga nti: "Si ivyanje, mwene Data, si ivyanje." Nuko aca avuga . . .

274 "Mu bisanzwe, ntibizogira ico bikora ukiri muzima, ariko umunsi umwe, iterambere niryabandanya n'Ubukristo bukagumaho, hazoba ikintu kizoba ku bijanye n'ivyo."

275 Rero, bagenzi, uyu mugoroba, hamwe iki coba ari igikorane cacu ca nyuma kw'isi, wewe na jewe twashitse Imbere y'Imana Mushoboravyose. Intahe yanje ni iy'ukuri. Hariho ibintu vyinshi, vyinshi, vyosaba ibitabu vyinshi kugira ngo uvyandike, ariko nshaka ko mubimenya.

276 Ni bangahe bari hano mu vy'ukuri, bamaze kubona, atari ifoto, ariko wa Muco ubwaWo Uhagaze hafi y'aho nariko ndavugira ubutumwa? Muduze ibiganza vyanyu, mu nyubakwa yose, umuntu wese yigeze kuWubona. Murabona, nk'amaboko umunani canke icumi y'abicaye hano.

277 Wovuga uti: "Mbega boshobora—boshobora kuWubona nanje sindaWubone?" Ego, mushingantahe.

278 Ya—Ya Nyenyeri ba banyabwenge bariko barakurikira, yaca hejuru y'aho barabira ibintu hose. Nta n'umwe yaYibonye atari bo. Ni bo bonyene baYibonye.

279 Eliya yari ahagaze aho yitegereza iyo mikogote yose yaka umuriro, n'ibindi vyose. Gehazi nawe yitegereza, ntiyashobora kuyibona na hamwe. Imana Ica Ivuga Iti: "Humura amaso yiwe kugira ngo abone." N'uko rero aca arayibona, murabona. Ariko yari umuhungu mwiza, ahagaze aho yihweza, ariko ntiyashobora kubibona. Ego cane. Bamwe bahawe kubona, abandi ntibabihawe. Kandi ivyo ni ukuri.

280 Ariko noneho wewe utarigera uWubona, utarigera uWubona, nawe waWubonye n'ijisho ryawe risanzwe ukaba utigeze ubona ifoto, yamara ababona ifoto barafise ikimenyamenya gikomeye kuruta wewe waWubonye n'ijisho ryawe risanzwe. Kuko wewe,

n'ijisho ryawe risanzwe, wari gushobora kwihenda, vyari gushobora kuba ari ukwihenda kw'amaso. Si vyo? Ariko Iki si ukwihenda kw'amaso, Iki ni Ukuri, aho ubushakashatsi bw'ubumenyi bwemeza ko Ari Ukuri. Rero Umwami Yesu Yarabikoze.

"None mwibaza ko Ari iki," niko muvuga, "ga Mwene Data Branham?"

281 Nizera ko ari ya Nkingi y'Umuriro nyene Yarongoye abana ba Isirayeli bava muri Egiputa baja muri Palestina. Nizera ko ari wa Mumarayika w'Umuco nyene Yinjira mu—mu nzu y'imbohe Akinjira Yerekeza kuri Petero Mweranda Akamukorako, Agaca Agenda Akugurura urugi Akamusohora ari mu muco. Kandi nizera ko ari Yesu Kristo wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe bidashira. Amen! Ni wawundi Yesu nyene uno musi uko Yari ejo. Azokwama ari uwo Yesu nyene ibihe bidashira.

282 Kandi mu gihe ndiko ndaWuvugako, uwo Muco nyene uri kuri iyo foto uri ku...ntuhagaze kure y'isantimetero mirongo itandatu y'aho mpagaze aka kanya. Ni vyo. Sinshobora kuWubona n'amaso yanje—yanje, ariko ndazi ko Uhagaze hano. Ndazi ko Uriko Urinjira muri jewe ubu nyene. Oo! Hamwe mwoshoboye kumenya gusa ubudasa igihe ububasha bw'Imana Mushoboravyose bucakiye, n'ingene ibintu bisa n'ibitandukanye!

283 Ako ni agahinyuza, ku muntu wese. Sinari ngiye gusengera abarwayi, nari ngiye kwishikanira Imana. Ariko iyerekwa riri hejuru y' abantu. Uh-huh. Imana Irabizi. Nta murongo w'abasengerwa nza kugira, ndabareka gusa mwicaye aho. Ni bangahe muri mwebwe badafise ikarata yo gusengerwa? Ni mwerekane ukuboko, umuntu adafise ikarata y'abasengerwa, adafise ikarata y'abasengerwa.

284 Umupfasoni w'umwirabure yicaye hano, ndabona wari wadugije amaboko. Si vyo? Haguruka gusa kugira ngo nshobore kugukura mu bandi akanya gatoyi. Sinzi ico Mpwemu Yera Aza kuvuga, ariko uriko urandaba n'umutima w'ukuri rwose. Nta karata y'abasengerwa ufise? Imana Mushoboravyose Yompishurira ingorane yawe...ibi ndabikora kugira ntangure gusa, kugira ntangure gusa. Uranyizera ko ndi...Urazi ko ataco...nta kintu ciza na kimwe kiri muri jewe. Namba uri umugore yubatse, jewe ntaco nsumvya umugabo wawe. Ndi umugabo gusa. Ariko Yesu Kristo ni Umwana w'Imana, kandi Yarungitse Mpwemu WiWe ngo Yemeze ibi bintu.

285 Hamwe Imana Yombarira ingorane yawe (kandi urazi ko ata buryo na bumwe mfise bwo gukoranako nawe na gato), urizera n'umutima wawe wose? [Mushikiwacu avuganye na Mwene Data Branham—Umw.] Imana iguhezagire. Ni uko umuvuduko munini w'amaraso wakuvuyeko. Ivyo ni vyo wari ufise. Mbega si ko vyari biri? Icara rero.

286 Uvyizere rimwe gusa! Ndahaye agahinyuza umuntu wese ngo aVyizere.

287 Raba hano, reka ndababwire ikintu kimwe. Marita, igihe yaza ku Mwami Yesu. Irya ngabire ntiyari kwigera ikora. . . Inyuma y'aho Se Amariye kuMwereka ivyo Yari gukora. Ntiyari kwigera ikora. Ariko yavuze ati: "Mwami jewe. . . Iyo Uza kuba Uri hano, musazanje ntiyari gupfa." Ati: "Ariko ndazi ko n'ubu ico Wosaba Imana cose, Imana IrakiGuha."

288 Yavuze Ati: "Ni jewe Kuzuka n'Ubugingo, uwuNyizera naho yoba yarapfuye, azobaho. Kandi uwo wese ariho akaNyizera ntazokwigera apfa. Urizeye ivyo?"

289 Mwumvirize ivyo yavuze. Yavuze ati: "Ego, Mwami. Ndizera ivyo Wavuze vyose ko ari Ukuri. Nizera ko Uri Umwana w'Imana Yari kuza mw'isi." Ubwo ni bwo buryo bwiwe bwo kwegera, yicishije bugufi.

Wiyumva ukundi, si vyo, ga mupfasoni? Ego. Ni vyo.

290 Umupfasoni mutoyi yicaye aho nyene, iruhande yawe, nawe nyene, arwaye amakonyero n'indwara z'abagore. Si vyo, ga mupfasoni? Haguruka akanya gato gusa, uwo mugore mutoyi yambaye impuzu itukura. Wari hafi cane, iyerekwa ryaje kuri wewe. Amakonyero, indwara z'abagore. Si ko biri? Ng'iki ikintu mu buzima bwawe (urafise—urafise ikintu kiguhanze amaso): ufise amaganya menshi ku buzima bwawe, ingorane nyinshi. Kandi iyo ngorane ijanye n'uwo ukunda, ni umugabo wawe. Ni imborerwa. Ntaja gusenga. Namba ari uko biri, duza ukuboko kwawe. Imana iguhezagire, mupfasoni. Genda muhira kandi wiyakirire umuhezagiro wawe. Urakize, hari umuco ugukikuje.

291 Hari umugabo yicaye iruhande yiwe ng'aho. Wewe, mushingantahe, urizera? [Mwene Data avuze ati: "Ego. Ndizera."—Umw.] N'umutima wawe wose? ["Ego, mushingantahe."] Waratakaje imwe mu nzira nyumviro zawe. Ni inzira nyumviro yo kumoterwa. Si ko biri? Nimba ari uko biri, nuzunguze ukuboko kwawe. ["Ni vyo."] Shira ukuboko kwawe hejuru ku munwa wawe, *gutya*, uvuge uti: "Mwami Yesu, ndaKwizeye n'umutima wanje wose." ["Mwami Yesu, ndaKwizeye n'umutima wanje wose."] Imana Iguhezagire. Genda ubu. Uraronka ugukira kwawe.

292 Mugire ukwizera Imana! Mwese muVyiyumvirako iki, aho inyuma? Mbega murizera? Mube abubashe!

293 Hari umugore yicaye inyuma hariya mu mfuruka. Ndabona uwo Muco uri hejuru yiwe. Ubwo ni bwo buryo bwonyene mfise bwo kumenya ivyo ari vyo, biciye kur'uwo Muco uriko urenena. *Uyu* Muco uri hano nyene uriko hejuru y'uwo mugore. Kumbure mu kanya gato gusa, hamwe noshobora kubona ico ari co. Haraza kuba. . . Uwo mugore arwaye indwara y'u—y'umutima. Ariko andaba neza mu maso.

294 Kandi umugabo wiwe yicaye iruhande yiwe. Umugabo wiwe afise indwara kanaka, yahora agwaye, ababaye, arwaye. Si ko biri ga mushinganta? Duza ibiganza vyawe namba ari ukuri. Ni vyo, ni wewe, mupfasoni, ufise ako gasikafu. Uwo mugabo, mbega sivyo? None uno musi ntiwabaye nk'uwubabaye ukuntu? Ufise ububabare mu mushishito, uwo mugabo. Ni vyo.

295 Mwese murizera n'umutima wanyu wose, mwempi? MuraVyemeye? Mushingantahe, ndakubwiye, nawe nyene, ndakubona ushize ukuboko hejuru, ufise ingeso yo kunywa itabi. Reka gukora ivyo. Uranywa itabi, ntiwarukwiye kubikora, bigutera indwara. Si ko biri? Namba ari uko biri, zunguza ukuboko kwawe gutya. Ivyo nivyo biriko birakubabaza. Ni bibi ku mitsi yawe. Nute ico kintu kibi ntusubire kugikora, uzoca ukira umere neza, n'indwara y'umutima y'umugore wawe izoca imuvako. Urizeye ivyo? Mbega ivyo si vyo? Sinshobora kukubona ndi hano, kandi ivyo urabizi, ariko ufise amatabi ku . . . mu—mu mufuko w'imbere. Ni vyo. Sokorora ivyo bintu ushire ukuboko kwawe ku mugore wawe, ubwire Imana ko uhevye ibintu nk'ivyo, uza gutaha umeze neza, wewe n'umugore wawe murakira. Izina ry'Umwami Yesu Rihabwe icubahiro!

Urizera n'umutima wawe wose?

296 Uyu mugore mutoyi yicaye hano ariko arandaba. Wewe uri ku . . . aho ku ntebe y'imbere hano, wicaye hano nyene. Umugore mutoyi afise . . . ariko arandaba, yicaye aho nyene. Ntu . . . Mbega urafise ikarata yo gusengerwa, mupfasoni, hano nyene? Nta karata yo gusengerwa ufise? Urizera n'umutima wawe wose? Urizera ko Yesu Kristo Ashobora kugukiza?

297 Uvyiyumvirako iki wewe wicaye iruhande yiwe? Urafise ikarata yo gusengerwa ga mupfasoni? Ntayo ufise? Na wewe ushaka gukira? None ntiwoshima gusubira kurya nk'uko wahora, ugakira indwara y'umushishito? Urizera ko Yesu Agukiza kano kanya? Haguruka namba wizera ko Yesu Kristo Yagukijije. Wari ufise umushishito urimwo ibikomere, si vyo? Biterwa n'uko wama mu ruhagarara. Wamaze igihe kirekire uri mu ruhagarara. Cane cane aside n'ibindi, nako nashaka kuvuga ko bizana aside, kandi bituma amenyo ajigurwa iyo ivyo wafunguye biduze bikagaruka mu kanwa. Ukwo ni ukuri. Ego, mushingantahe. Ni igikomere co mu nda, cari munsi mu mushishito. Wumva ubushe rimwe na rimwe na cane cane uhejeje kurya umukate wokeje uriko amavuta. Si vyo? Sindiko ndasoma mu vyiyumviro vyawe, ariko Mpwemu Yera Ntananirwa. Ubu rero wakize. Genda muhira, umererwe neza.

298 Mwebwe hariya inyuma muri uru ruhande? Muri mwebwe abadafise ikarata yo gusengerwa, muduze ukuboko. Umuntu atagira ikarata yo gusengerwa. Ni vyiza, wubahe, wizere n'umutima wawe wose. Ni gute abari hariya hejuru? Mugire ukwizera Imana.

299 Ivyo sinoshobora kubikora ndavyikoresheje, ni ubuntu bwiWe bwonyene bwigenga. Mbega murizera? Nshobora kuvuga gusa ivyo Anyeretse. Nk'uko ukwizera kwawe. . . Ivyo ndabivuga kugira ngo nyiganyize ukwizera kwanyu, nce ndaba inzira Andongoreramwo. Mbega mwatahuye ko uyu—uyu atari mwene So? Muri mu Nyonga hiWe. Si jewe ndiko ndakora ibi, ni ukwizera kwawe kuriko kuraBikoresha. Sinoshobora kuBikoresha. Ni ukwizera kwawe kubikora. Nta buryo bwo kuBikoresha mfise. Rindira akanya gatoya.

300 Muri iyi mfuruka ndabona umugabo w'umwirabure yicaye aho, ameze nk'umutama, yambaye amarori. Urafise ikarata yo gusengerwa, ga mushinganta? Hagarara akanya gato. Urizera ko ndi umukozi w'Imana, n'umutima wawe wose? Uriko wiyumvira uwundi muntu, si vyo? Namba ari ukwo biri, zunguza ukuboko kwawe. Atari kubera ari jewe, mwene So. Rero, nta karata yo gusengerwa ufise. Nta buryo na butoya wari kuronka bwo kuja mu murongo, kuko nta karata yo gusengerwa ufise. Rero, namba hari umuntu n'umwe muri mwebwe afise amakarata yo gusengerwa, ntimu—ntimu—ntimuhaguruke, murabona, kuko mufise amahirwe yo kuza mu murongo.

301 Ariko ndabona uwo Muco uri neza hejuru yiwe. Nturahinduka iyerekwa. Sinshobora kugukiza indwara, mwene Data, sinshobora. Imana Yonyene ni Yo Ishobora kubikora. Ariko ivyawe. . . ivyawe. . . urafise ukwizera. Urizera. Kandi hariho ikintu—ikintu kanaka, ca—cabitumye, mu buryo kanaka.

302 Hamwe Imana Mushoboravyose Yombarira uyu mugabo ingorane yiwe, abasigaye murakira ugukira kwanyu? Hari umugabo, ahagaze neza na neza nko ku metero cumi, cumi na zitanu uvuye aha ndi, sinari bwigere ndamubona mu buzima bwanje. Ni umugabo gusa ahagaze aho. Hamwe Imana Mushoboravyose Yohishura ingorane y'uwo mugabo, umwe wese muri mwebwe akwiye gusohoka nyene ari umuntu afise amagara meza. Ni ikihe kindi Imana Yoshobora gukora? Ivyo ni vyo?

303 Mushingantahe, nta ngorane ufise. Ufise intege nke, uravyuka rimwe na rimwe mw'ijoro, porositate n'ibindi, ariko iyo siyo ngorane yawe. Ingorane yawe ni iyo umuhungu wawe. Umuhungu wawe ari mu kigo kimeze nk'ica reta, kandi yifata mu buryo butandukanye. Mbega ivyo ni vyo? Zunguza ukuboko namba ari vyo. Ni vyo neza na neza.

304 Ni bangahe bizera ubu ko Yesu Kristo Umwana w'Imana Ahagaze ng'aha? Reka duhaguruke dutange ishimwe twakire ugukira kwacu.

305 Mana Mushoboravyose, Nyen'Ubugingo, Mutanzi w'ingabire nziza zose, Uri hano, Umwami Yesu Kristo wa wundi nyene, Wa Wundi nyene ejo hahise, uyu munsi, n'ibihe bidashira.

306 Kandi, Satani, warabeshe aba bantu igihe kirekire bihagije, bavemwo! Ndagutegetse kubw'Imana Nzima Yoyo Ukubaho kwayo kuri hano ubu mw'ishusho y'Inkingi y'Umuriro, reka aba bantu! Bavemwo, mw'Izina rya Yesu Kristo!

307 Umwe wese muri mwebwe aduze ibiganza ashime Imana, mwakire ugukira kwanyu, mwese.

55-0117 Uko Umumarayika Yanjeko, N'Igikorwa Ciwe
Ishure Rikuru rya Lane Tech
Chicago, Illinois Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2026 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org